# Nk'uko Nabanye naMose, Ni Ko Nzobana Nawe

Jeffersonville, Indiana, USA

11 Nyakanga 1960 Mu Gatondo

1 Twongeyegusohoka muri iki gitondo inyuma yo gusinzira neza. Nizere ko twese ari kovyagenze, kandi twumva tumerewe uyu munsi.

Nariko ndiyumvira gusa, igihe nari mpagaze mu cumba, maze Billy Paul azanaamasenti mirongo ibiri n'atanu, muri iki gitondo. Nca nibuka ko mpagaze kw'ikigicaniro nyene, igihe…Frankie Weber, umubanyi hano, twahora tujana kw'ishure.Nari mfise nka mirongo ibiri n'umwe, kandi, canke mirongo ibiri n'ibiri,ndibaza. Kandi yari aza afise imyaka mirongo ibiri n'itanu. Amaze kuzana ayomasenti mirongo ibiri n'atanu, nca niyumvira nti: "Ôo, bagenzi! Frankie arihafi gupfa! Arashaje cane!" Hanyuma aho… Ndiyumvira nti: "Nzokora iki ninagiraiyo myaka, mirongo ibiri n'itanu?" Uyu munsi umuhungu wanje yakwijemirongo ibir n'itanu.

Gusa bica vyerekana ko igihe ari kigufi, kandi nta n'umwe kirindira. Dutegerezwagukora mu gihe hakiri ku murango, kuko igihe kizogera aho tutazoba tugishobora.Kandi igihe cose namye nkunda Zaburi Y'Ubuzimaya Longfellow: "Mu kugenda, dusiga amakanda ku musenyi w'igihe." Dutegerezwagukora amakanda mu gihe tugishoboye kubikora, buri wese muri twebwe. Ntidupfusheubusa umunsi n'umwe, ahubwo buri munsi tuwukoremwo ivyiza dushoboye, kubw'icubahirociwe.

2 Mu majoro makeya aheze, nako mu mayinga abiri ashize, vyarabaye. Umwami aratangaamayerekwa, nk'uko twese tubizi neza hano. Kandi nagize iyerekwa ridasanzwe ryanjekoigihe nari muriKentucky. Nabwiye abo twari kumwe mu birori, nti: "Ata nkeka hariho ikintucimirije gushika."

Nabonye ampagaze imbere, nk'isaha icenda z'ijoro, mu cumba, umugabo asan'agafyiri; atari nk'aba Bene Data bakundwa na Bashiki bacu b'abirabure. Uyomugabo yari atandukanye. Umubiri wiwe wari n'uwufise iminkanyari. Kandi yariaje abanguye amaboko manini, kugira ngo amfate. Ico nari mfise co kwivuna kariakabugita gato, gusa ntaco kari kumara. Ntikoshoboye kugukingira. Noneho, hariukuntu, Umwami yinjiye aramfasha gucika uyu mugabo yirabura tsiritsiri. Yariafise iminkanyari. Narashobora kumubona adugije ukuboko, iminkanyari nini mu rukobarwiwe, nk'ipasi igorora. Ndakeka ko, kumbure, n'urusasu rukomeye rutoshoboyegutobora urwo rukoba, nk'ibikoko bimwe, ikinyamasyo canke ikindi kintu, womurasheko.Kandi yariko aranyirukako. Ndabizi neza kandi ndazi n'ico vyasobanura.

3 Ariko rero, kuwa Kabiri ushize mu gitondo, nka saa tatu, hariho ikindi kintu cabaye.Nari muhira. Kandi hampagarara imbere umuntu mu cumba, yari Uwimana wavuga amajambontatahura. Kandi igihe yashizeho kiregereje. Gusa sinavyumvise neza, ariko yariUwimana. Yavuze ati: "Habura iminsi indwi, uzohagarara nk'uko Mose yahagaze,"canke "uzomera nk'uko Mose yari," canke ikindi kintu cerekeye Mose. Ivyo bimvako uwundi munsi,inyuma y'uyu munsi. Uwo wari uwa gatandatu. Sinzi ico ivyo bisobanura. Ndazi koIzobikora, ivyo ari vyo vyose. "Uzohagarara," canke, "utegerezwa guhagarara," canke,"kumera," canke, cari ikintu cerekeye Mose. Kandi sinigeze niyumvira cane kuri vyo.Narabibwiye umuryango wanje mbwira na bamwe, mu bakundwa, ko nabonye uwo Muntuwo mu buryo bw'Imana. Yamara, yavuga nk'umuntu.

Hanyuma nca mbona Ubutumwa bwanje, bw'umugoroba waheruka, Umwami yandetsempitamwo Mose. Kandi, muri iki gitondo, ni Mose n'uwamusubiriye. Kandi Ivyanditswengiye gutangura, muri iki gitondo, vyerekeye Mose na Yosuwa. Kandi ibi Vyanditswe,Yosuwa ikigabane ca 1, vyamye ari Ivyanditswe bitangaje cane. Sinari bwigerendavyigishako, kuba mbaho; ngiye kubigerageza, muri iki gitondo.

4 Ariko, hashize imyaka igera kuri ibiri, nabonye Bibiliya imanuka, nari mucumba, hanyuma ihagarara aho nari ndi. Yari mu Kuboko kumwe kuva hejurukumanuka, kuzingurua impapuro; gushika muri Yosuwa 1, kugeza ku murongo wa 9,hanyuma kurahagarara, kugenda buhoro. Nari ndindiriye ko iki gihe kigera, ahonokwumvise ko ari ubugombe bw'Imana ko ndabivugako.

Ubu rero, ntimwibagire igikorane co ku mugoroba, nimba muri…mushoboye kuza, akabaatari umwanya w'akazi. Nimba mufise amashengero abakeneye, emwe, mu vy'ukuri tubagusabakuja mu mashengero yanyu.

Muriiki gitondo turaza gusengera abarwaye, tugiheza Ubutumwa. Kandi ndibaza, ng'aho,igikurikira ivyo, ni igikorwa c'umubatizo.

Hanyuma uyu munsi ku mugoroba, Umwamiabigomvye, nshaka kuza kwigisha ku Bintu BitanuNtabanduka, vy'Ivyanditswe vy'Ishengero, n'ico dusangiye na Ryo, Ishengerory'Isezerano Rishasha, n'ico dusangiye n'iryo Shengero. Kandi igikorane kizagutangura, igikorane c'indirimbo, isaha imwe n'igice z'ijoro; turaza kugeragezagushika ku gicaniro isaha zibiri. Kandi tuze kuba turangije isaha zitatun'igice, Umwami niybishaka.

5 Hanyuma ndizera ko, uyu munsi, ko ata na rimwe muri aya majambo, ninazakubw'ico gikorane, yuko atawuza kubura kubitahura. Kubera ko, ni ngombwa caneko mushira ku ruhande ibintu vyose aka kanya, hanyuma mwiyumvire, mu gihe turindiriyeMpwemu Yera.

Imbere yuko twegera iri Jambo ryiza kandi ry'ubutnu, ngiye gusaba ko umugenziyanje mwiza kandi dukorana, Dogiteri Lee Vayle, nimba yohaguruka akaturongora mw'isengesho,mu gihe twugurura Ijambo. Mwene Data Vayle.

[MweneData Lee Vayle aciye asenga. Agace katavuga kuri bande—Umw.]

UrakozeMwene Data Vayle, kubw'iryo sengesho rihumekewe utumbereje ku Mana.

6 Kano kanya reka tuzingurure mu Vyanditswe. Hariho vyinshi cane vyo kuganirako;ariko yamara kubona benshi bahagaze ku mpome, no mu nyubako, n'ibindi! Ndizerako turiko duhangana n'umutwenze w'umunsi mushasha. Rero, mu Vyanditswe dusomamuri iki gitondo, reka tuzingurure ku kigabane ca 1 ca Yosuwa. Kandi turasomamu Gitabu ca 1 ca Yosuwa, ikigabane ca 1, imirongo icenda ya mbere. Mu giheturiko turitegura…

Ubu Butumwa buriko burafatwa amajwi, kandi buzorungikwa mu bice vyinshi vy'isi.Nshaka ko abantu bo mwisi abo Umwami yampayeko amahirwe, kandi nkatoneshwa mumaso yanyu; mvuze ibi, muri iki gitondo, kuko ivyo, ejo hazoza, nizeye bizozamu mashengero yanyu no mu makoraniro yanyu, kugira ngo mumenye, imbere y'igihe,ivyo Umwami Imana yakoze, kugira ngo mumenye Ukuri. Kandi nk'uko Yesu yabivuze,"Ukuri zobaha umwidegemvyo."

7 DusomeYosuwa uhereye kuri 1.Mose umusavyi w'Uhorahoamaze gupfa, Uhoraho abarira Yosuwa mwene Nuni umufasha wa Mose, ati

Mose umusavyi wanje yapfuye; none rero va hasi,ujabukane aba bantu bose urwo ruzi Yorodani, muje mu gihugu mbahaye, mwebweAbisirayeli.

Ahantu hose muzokandagiza ibirenge ndahababahaye, nk'ukonabariye Mose.

Uhereye mu bugaragwa no kur' uriya musozi Lebanoni,ugashitsa ku ruzi runini, ari rwo Efurate, ugahitana igihugu cose c'Abaheti,ukageza ku kiyaga kinini gihera i burengerazuba, ni rwo ruzoba urugabanorwanyu.

Nta muntu n'umwe azoshobora kuguhagarara imbere imisiyose uzomara ukiriho: nk'uko nabanye na Mose ni ko nzobana nawe; sinzoguhemukira,sinzoguta.

Shikama, ushire amanga, kukw' ari weweuzoshikiriza abo bantu igihugu narahiye ba sekuruza ko nzokibaha.

Mugabo shikama, ushire amanga cane,kugira ngo witondere ivy' ivyagezwe vyose bivuga, ubishitse, ivyo Mose umusavyiwanje yakugeze; ntuz' utambamire i buryo cank' i bumoso, kugira ng' ugireukuboko kwiza ah' uja hose.

Ibiri mur' ico Gitabu c'ivyagezwe ntuz'ubikure mu kanwa kawe; arik' uze wame ubirimbura ku murango no mw' ijoro,kugira ng'ubone kwitondera ivyanditswemwo vyose; ni ho ivyawe bizogenda neza,ukagira amahirwe.

None si Jewe nkwibaririye, nti Shikama, ushire amanga? Nukontutinye, nturanduke umutima, kuko Jewe Uhoraho Imana yawe ndi kumwe nawe ah'uzoja hose.

8 Rero ku murongo wa 5, amaja hagati,handitswe ngo: Nk'uko Nabanye na Mose, NiKo Nzobana Nawe. Ivyo ni vyo, nimba nkwiye kuvyita umutwe w'icigwa, nashakagufata akanya gato, maze kwegere ivyiyumviro vyanyu kur'ivyo. "Nkuko nabanye naMose, ni ko nzobana nawe."

Ku mugoroba ushize, twajanyen'abana b'Isirayeli, kuva muri Egiputa, kugeza tubashikanye i Kadeshi. Ôo,mbega icigwa gikomeye! Mbega ikintu gikomeye, mu gihe twariko tugereranyaishengero risanzwe n'ishengero ryo mu buryo bwa mpwemu. Imana ikorana na Isirayelimu buryo busanzwe; mu gihe kw'ishengero mur'iyi minsi Iriko Ihamagarira Abanyamahangagusohoka, ihanga kubw'Izina ryayo. Iriko Ikorana na bo mu buryo bwa mpwemu, mugihe bariya Ikorana na bo mu buryo bw'umubiri; bigenda bibangabanganywe. Kandiivyo Imana yakoranye na bo vyose, hamwe n'ivyo Imana yabakoreye vyose, hamwe n'ivyobakoze vyose mu kuyisubiriza mu nkoko, bitubera akarorero. Kandi turabona,kugeza ubu, Ijambo ryashizwe ahabona mur'ubwo buryo nyene neza na neza. Ukuntumu buryo busanzwe, iyo baronka intsinzi canke zibiri, baricaye baranezerwa,bavuza impundu, baratamba, bahimbaza Imana; nk'uko ishengero ryabikoze, none uburirindiriye imyaka mirongo ine kugira ngo hugururwe ikindi kintu.

9 Kandi nk'uko twiyumvira kuri Mose,uyu musavyi ahambaye w'Uhoraho, ukuntu ku kuvuka kwiwe, aho yavukiye, Imanayamutoranije kubw'igikorwa ciwe, akivuka. Kandi ubuzima bwiwe bwari bugoye canekubaho. Kuberako, nk'umuntu, yashaka kubaho mu buryo bumwe, hanyuma Mpwemu w'Imanaakamurongora mu bundi buryo. Mbega ukuntu bisa nk'aho yafashe ingingo z'ubupfu.Mu gihe yari hafi kuvyagira ntebe y'ubwami, kuba samuragwa w'isi; hanyuma acaaja ku rundi ruhande, ahinduka uwutagira uburagamo, canke inyererezi. Uvyiyumviriye,bisa nk'aho vyoba ari ivy'ubupfu.

Ariko aho tuhakura icigwa gikomeye.Nuko, abantu bakurikira Mpwemu, ni ibipfu kw'isi, kuko bakomoka mu bundi Bwami,barongorwa mu bundi buryo, barongowe na Mpwemu. Imana iremera ivyo bikambako,hamwe na mwebwe mwese, yuko tuzokurikira uburongozi bwa Mpwemu, ata kinditwitayeho, duhange amaso isezerano ry'Imana, turindiriye yuko rishika.

10 Kandi ivyo ni vyo Mose yakoze.Farawo yasoma vya Vyanditswe nyene na Mose yasoma. Kimwe gusa, Farawo yabirabamu bundi buryo. Mose yaritegereza rirya hanga nyene Farawo yitegereza. Farawoyababona nk'abaja bari mu vyondo. Mose yababona nk'abahamagawe kandibatoranijwe.

Ubwo ni bwo buryo nshaka kubonamwoIshengero ry'Imana nzima, atari akagwi k'abanyakaguma canke abatagira uburagamo,ahubwo nk'abatoranijwe n'Imana; kugira ngo nshobore gutanga ubuzima bwanje, nk'ukoMose yabigenje, kubw'iri Shengero rihambaye no ku Mpamvu zaryo.

Rero, dusanga Mose yarahamagarwa.Amaze guhabwa igikorwa, yarananiwe mu gikorwa ciwe, mu kugerageza kugikora muburyo yibaza ko bwari bwiza.

Kubw'ivyo biratwigisha, na none, yukotudashobora gufata ivyo twibwira ko ari vyiza, canke ivyo umuntu yibaza ko arivyiza. Dutegerezwa kubifata mu buryo Imana yavuze ko ari bwiza. Kubw'ivyo rero,gukurikiza Ijambo yr'Uhoraho ni bwo buryo bwiza igihe cose. Jana inzira Imanayavuze.

11 Kandi mu kunanirwa kwiwe, dusangayarahunze ava kwa Farawo, ahungira mu bugaragwa, aho yabiraniye n'umukobwa waYetiro, Zipora. Hanyuma aho, amaze kumurongora, amuvyarira umuhungu yitwa Gerishomu.Aca aricara, aratekana n'amahoro menshi, ari mu bijanye n'intama.

Ariko umunsi umwe, Imana yumva amaborogoy'abantu bayo. Yibuka ko yagiraniye isezerano n'abo bantu. Si ivyo gusa, arikoica yibuka ko Yari Ifise umusavyi Yari Yarahamagaye, Ikamuhitamwo, kandi IkabaYari Ifitaniye isezerano na we. Kandi Imana ntizokwigera ihindura isezerano ryayocanke ngo Ihindure ivyifuzo vyayo, canke ngo Ihindure ikintu na kimwe. Imana izokwamana ntaryo yubahiriza amasezerano yayo. Nubwo Mose vyari vyamunaniye agakora kiryakintu, yamara Imana yoyo yarubahirije isezerano ryayo. Iyo Imana ihamagariyeumuntu gukora ikintu, ategerezwa kugikora, ategerezwa kugikora nta bindi.

12 Hari uwambajije, hashize igihe, ngo:“None mbega tuze turondere ingabire kubw'ibikorwa vy'amabango vyacu?”Bamwe muri Bene Data b'Abametodiste bari baronse Mpwemu Yera.

Ndababwira nti: “Oya. Ntimukore ivyo.Iyo ukoze ivyo, aho Imana ntishobora kugukoresha.” Navuze nti: “Ikintu kimwe cogukora, kubandanya uri Umukristo. Nimba Imana yaguhamagaye, izogushira neza naneza mu kibanza cawe.”

Mu bisanzwe, abaronderabakagerageza kuronka ibintu, iyo Imana ibahaye ikintu kanaka, nta kindi babakiretse kurengerwa. Mu bisanzwe, umuntu Imana ihamagara, ni we muntu ageragezakuyihunga, hagize ikintu na kimwe…Mose na Paulo, n'abandi batandukanye, bǎgerageza kwikuramwo uwo muhamagaro.

13 Ariko dusanga hano, Imana, mukunanirwa kwose Mose yari yaragize, ikiganza cayo camugumyeko. Yaramuhamgayengo agende, akore ico gikorwa ciwe, Imuhamagarira ico gikorwa ciwe. Mbegaihumure bitegerezwa kuba vyarabereye Yosuwa, igihe yumva Imana ivuga iti:“Nk'uko nabanye na Mose, ni ko nzobana nawe.”

Na none, hamwengerageje, nkananirwa, Imana ntizonta. Sinigera nizera cane umuntu wese atinyagukora ikintu cose. Nopfuma nsangwa nananirwe hako nogira ubunebwe bwokugerageza.

14 Igihekimwe vyaravuzwe ko Isosiyete ya Ballard na Ballard Flour yahaye akazi umugaboumwe, yari agiye kwandika izina ryiwe, gusa uwo mugabo nta gome yari afise kubuso bw'ikaramu yiwe. Umushingantahe Ballard aramubaza ati: “Kubera iki atagome ufise?”

Amwishura ati: “Sinkora amakosa.”

Aca amubwiraati: “Aho rero sinshobora kugukoresha. Kubera ko, hamwe ukoze amakosa, wo… Udakoraamakosa, nta na kimwe uzokora.” Ni vyo.

Imana ntiguharurakoamakosa yawe. Iguharurako icaha cawe c'ibigirankana. “Uwucumura n'ibigirankana,amaze kumenya Ukuri.” Ariko umuntu niyakora ikintu kanaka, azotsitara, agwe. Azokoraamakosa. Ariko nimba koko yarahamagawe n'Imana, kandi Imana ikaba iri mu mutimawiwe, azosubira ahaguruke.

15 Mu myakaiheze, hariho umugabo n'umugore bakunda kuza hano kw'ishengero, kandi kumbureko bari hano kano gatondo. Barakunda kuririmba indirimbo yantera umunezeromwinshi. Yavuga nk'uku:

Mbabarira,Mwami, maze wongere ungerageze kandi,

Nzoba uwaweniwaba uwanje;

Ninagwa cankenkananirwa, uze undeke mpaguruke nongere ngerageze,

Mbabarira,Mwami, maze wongere ungerageze kandi.

Ivyo ndabikunda.Kubera ko, umusirikare wese mwiza wese akwiriye gukomereka canke kubabara.Ariko nimba akiri umusirikare afise intumbero, n'ico kurwanira, azohagurukayongere agerageze. Kandi umusirikare mwiza wese w'umusaraba azokora gurtyonyene.

16 Rero kuriYosuwa, umugabisha mukuru w'ingabo, Mose amaze gupfa, abonye ko Imana yagumanyena we mu makosa yiwe, abandanya igikorwa ciwe.

Ivyo Moseyoba yarakoze vyose, igikorwa ca Mose ni co Imana yubaha. Yari umuvugishwa.Yari hejuru y'abavugishwa bose. Mu vy'ukuri yari arengeye abavugishwa bose baribafise. Igihe mushiki we bwite yamutwenga, kubera ko yari yarongoye umukobwa w'Umunyetiyopiya,bose Yaciye Ibakoranya, iravuga ati: "Ntimutinya Imana?" Yavuze ati:"Nimba muri mwebwe hariho umuntu wa mpwemu canke umuvugishwa, nzovugana na wemu mayerekwa, nimenyekanishe kuri we mu nzozi. Ariko si ko bimeze kuri Mose; Mvuganana we umunwa kugutwi. Ntimutinya Imana?"

Murabona, ivyo si vyiza,gukandagira abantu b'Imana. Muba muyibabaje iyo mukoze ivyo.Imana yari yarahaye igikorwa Mose; ukunanirwa kwiwe ntaco kwari kuvuze. Imanayari izi umutima wiwe.

17 Igihekimwe, Mose, yidodombera kuba afise ibintu vyinshi vyo gukora. Nuko rero Imana ifataMpwemu wayo amugabanganya kuri bamwe mirongo irindwi. Ntibaronse Mpwemu asumbauwo bari bafise ubwa mbere. Ariko kimwe gusa, baronse ubushobozi bwiyongereye, umweMpwemu nyene.

Imana irashobora gushira Mpwemuwayo wese ku Muntu iyo ibishatse, canke igashobora kumusabagiza ku bantu ibihumbiibishatse. Umunsi umwe, yashize Mpwemu wayo wese ku Muntu yitwa Yesu. None ubuYamusabagije ku Mashengero yayo, ahantu hose. Imana irubahiriza igikorwa cayo.

18 Ubu reroYosuwa, umurwanyi mushasha. Ubu hasigaye babiri gusa, bigeze bava mu gihugu c'isezerano;uwo yari Yosuwa na Kalebu. Noneho, Yosowa, umugabisha mushasha, kugira ngoayobore ingabo, ahagarara mu kibanza gikomeye ahari hari umuntu ahambaye nkaMose. Nticari igikorwa gito.

Kandindiyumvira ku mukozi w'Imana uyu munsi, yahamagawe n'Imana ngo agere ikirengemuca Yesu, aho Yari ahagaze. Mbega itegeko! Mbega igikorwa! Ariko uwuhamagarwa n'Imanawese, ahabwa igikorwa co guhagarara aho hantu nyene. "Nzoba ndi kumwe namwe, mbereno muri mwebwe, gushika kw'iherezo ry'inzira." Umukozi w'Imana wesearahamagarirwa guhagarara aho Yahagaze. "Ibikorwa Jewe nkora namwe muzobikora."Umukozi w'Imana wese yagenywe Imana, ategekwa guca mu makanda ya Yesu Kristo nogukora ibikorwa Yesu yakoze. Iri ni itegeko rwose.

19 Kandi ukobitegerezwa kuba vyaragenze, igihe Yosuwa yari ahagaze hariya muri kiryagitondo, avugana n'Imana. Yavuze ati: "Sinzoguta. Nk'ukonabanye na Mose, ni ko nzobana nawe. Nta muntu uzoguhagarara imbere, iminsiyose y'ukubaho kwawe. Nzobarandura, ndabahonye. Nzoca inzira. Kimwe gusa,shikama kandi ushire amanga. Ntucike intege, ni kuvuga, ntuhangayike. Ntutinye.Ndi kumwe nawe. Nzobigucanamwo." Mbega igikorwa cahawe uyu mugabo mushasha yitwaYosuwa!

Rero, hano hari ibigereranyo vyinshicane dushobora kujamwo, ariko turaca kuri bimwe muri vyo. Nk'akarorero, kimwena Mose, igihe c'ishengero ni co cabazanye kuri Sinayi, kuri tewolojiya yabo;y'ijoro ryakeye. Mose ntiyari yemerewe kujana abana b'Isirayeli mu gihugu c'isezerano,kuko yari yarananiwe.

20 Kandi intunganyoz'ishengero, amadini yarananiwe. Ntibazoshikanayo Ishengero. Imana izohagurutsaumukorere mushasha, umukorere utazoba wegamiye idini na rimwe, kubw'Ubushobozibw'Imana, uwo mukorere uzoshikana Ishengero mu Gihugu c'isezerano. Intunganyon'amadini vyararyononye, rimwe ryose rikurikira tewolojiya yaryo, rimwe ryoserikurikira ukwo rivyiyumvira. Ariko Imana izofata Mpwemu Yera wayo mazeihagurutse Yosuwa wayo azoshikana Ishengero kw'isezerano, ata ngoyi na zimwe z'amadinizimuhambiriye na hamwe, ariko azoshikanayo Ishengero ryayo.

Mose yariyananiwe; yari umuntu atanga amategeko. Yosuwa yahamagariwe ubuntu, kandiyarashikanye ishengero.

21 Dusangakandi Yosuwa, azi iyi gikorwa, azi ivyari vyamushizwe mu biganza, yuko Imana yariimuhamagariye igikorwa atategerezwa kunanirwa, yagendeye imbere y'Imana yitonze.Igihe yahamagara abantu kugira ngo ababwire yuko Imana yari yamushinzeigikorwa, nimurabe ico abantu bamusavye. Bamwishuye bati: "Tuzogukurikirank'uko twabikoze kuri Mose, nitwabona bimwe vyakurikira Mose bigukurikiye nawe.Kimwe gusa shikama kandi ushire amanga."

Ivyo nivyo umuntu wese yavutse ubwa kabiri yategerezwa gusaba uyu munsi. Nimba

dusabwegukurikira, noneho reka tubone ibimenyetso bikurikira abizera. Nk'uko Yesuyabivuze ati: "Ivyo Jewe nkora namwe muzobikora."

Nabasavyeimbere y'igihe kumenya neza ko mwaretse imitima yanyu ya mpwemu yuguruye muriiki gitondo, kuko nizeye ko muza gutahura ivyo ndiko ndavuga. Turi kumwe n'abomu madini, abo mu bwoko bwose bw'amadini bakoraniye hano muri iki gitondo,uhereye kuri Katolika n'Abaporoti, n'ubwoko bwinshi butandukanye, birtyobizohishurirwa uwuzuye Mpwemu, ata nkeka.

22 Ubu reroYosuwa yategerezwa gukurikiza iri tegeko. Abantu bavuze bati: "Imana nibanenawe nk'uko yabanye na Mose, gurtyo tuzomenya ko umwe Mpwemu nyene yaturongoyeakatugeza aha ashobora kuhadukura tukabandanya."

Ôo, mbegaukuntu Ishengero ryategerezwa kuraba muri iki gitondo, kugira ngo ribone Mpwemuakorera mu bantu, nimba ushaka ishengero ryo muhira aho Mpwemu yazuye Kristo mubapfuye, Mpwemu Yera, azogendagenda mu bantu. Uwo ni We Mpwemu Imana ihagurutsamu minsi y'iherezo, kugira ngo ashikane abantu muri ca Gihugu co Hakurya, mw'isezeranorinengesereye ry'imihezagiro yose y'Imana, no kuri ca gikorwa kinengesereye Yatanze,nako rya sezerano. "Isezerano ni iryanyu, no ku bana banyu." Nk'uko Abisirayelibarondeye ico gihugu c'isezerano, bazo ko kiri ahantu kanaka, kubera hariyoabari barigeze gushikayo imbere y'aho, ni ko bimeze no kw'Ishengero. Turazi kohariho Igihugu ahantu kanaka. Hariho Ubushobozi ahantu kanaka, kubera harihobamwe bamaze gushikayo. Turazi ko ico Gihugu kiri hakurya y'uruzi, ahotwerekeje, muri iki gitondo, tugerageza kwinjira mur'ico Gihugu c'isezerano.

Yosuwa yariazi ko ico gihugu cari gihari. Yagiye imbere kukiraba kugira ngo ashoborekugaruka azanye igishingantahe.

Abakozi b'Imanabahamagaye n'Imana ntibategerezwa kuba buzuye tewolojiya, ahubwo bategerezwakuba baragendeye Igihugu tugiyemwo, bakagarukana ikimenyamenya c'urukundorw'Imana n'Ubushobozi bwa Yesu Kristo, kugira ngo babimenyeshe amakoraniroyabo, yuko hariho Igihugu hakurya y'uruzi.

23 Rero, mw'ijororyakeye, twarigishije, "gushika kuri Yorodani." Rero, iyo tugeze kuri urworuzi, ruca rudutandukanya. Ruradutandukanya. Ugeze ku rundi ruhande, harihoikintu kanaka kiba cakubayeko.

ReroYosuwa muri ivyo vyose, azi yuko iryo itegeko ryari rihambaye; ariko, afise ugushiraamanga, yari arashobora kutagira ubwoba. Yari ashobora kuba, nk'uko twovyita, uwoataco bimutwaye, mu gihe cose yeretswe inzira nziza. Yari ashobora kugonganan'umusozi womusubije inyuma, ariko yari yarongorewe mu nzira nziza.

Gurtyonyene, n'Ishengero ry'Imana nzima rirashobora kutagira ico biritwaye kandiridafise ubwoba, mu kwizera, nimba twerekejwe mu nzira nziza. Kubera ko, Yavuzeiti: "Nk'uko nabanye na Mose, ni ko nzobana nawe. Sinzoguheba, kandisinzoguta." Ntiyigeze Ita Mose. Ntiyigeze iheba Mose. Na Yosuwa ntizomuheba. Natwebwe ntizoduheba. Izobana natwe.

24 Kandi nk'ukodusanga Yosuwa afata iki gikorwa, tuzi inshingano yuko inshingano kwarikubarongora gushika mw'ico gihugu, none, yuko yategerezwa kujabuka mur'icogihugu co hakurya. Yotegerejwe gushiraho ubwami bwabo. Yatogerejwe kubagaburirairyo ragi. Yari azi ko ico gikorwa kitari coroshe, cari kirengeye kure n'iyo kuvyo Mose yakoze. Yosuwa yari afise vyinshi vyo gukora birengeye ivyo Mose yategerezwagukora.

Ikindikintu, yategerezwa kubarongora akabashika ku mupaka, hagati ya benewabo. Kandibari bamaze guhonja amaraso. Yategerezwa kubanesha. Yategerezwa kubacecekesha mugihe bari mu nzira bagenda.

Ni ko bimezeuyu munsi hamwe n'uyu mugwi mushasha w'Abapentekote uriko urahaguruka, barahonjenjeivy'amadini. Biragoye cane kubacecekesha.

25 Mu myakamike ishize, bavuga bati: "Ngwino, Mwene Data Branham," igihe ikigikorwa c'ibango ari ho cari kigitangura ubwa mbere, "tuzoca dutanguzaidini, tukwubakire icibutso ahantu kanaka." Icibutso si co mpanze amaso. Mpanzeamaso kwa Kugaruka kw'Umwami.

Barakozeidini rito, ryiswe "imvura y'urushana," vyarashitse muri Kanada, no muriCalifornia, ariko vyarasambutse. Ata nkeka, ntaho bishobora gushika. Kuki?Ikintu kimwe bazi; basohoka muri ivyo bintu, hanyuma bagakorwako gato. Bategerezwakugira ikintu kanaka co gukora.

Mwene Data,Ishengero ry'ukuri ry'Imana nzima ntirigira imigirwa na nemeye. Rirongorwan'Ubushobozi bw'Imana buri mu mutima wa buri muntu ku giti ciwe. Nimuce kuribene wanyu. Ntimubagore. "Turabaruta." Ntimubagore. Nimwirenganire gusa.

26 Ndashakako mubona ikintu gikomeye cabereye hano. Hariho Esau, Mowabu, na bamwetwagarutseko mw'ijoro ryakeye. Benshi muri abo bantu, benshi muri bo bariabizera bo ku mupaka. Bari bageze ng'aho ku mupaka.

Ôo, ntegerezwaguhagarara hano ku kintu gito, ntibiza kuntwara umunota urenga umwe. Abantubenshi bagereranya igihugu c'isezerano na bwa Bwami bw'Imyaka Igihumbi. Ivyo sivyo. Igihugu c'isezerano carimwo intambara n'ubwicanyi. Muri bwa Bwamibw'Imyaka Igihumbi nta ntambara n'imwe izobayo canke ubwicanyi. Igihuguc'isezerano kireranya Mpwemu Yera, urubuga rw'intambara.

Gutsindanishirizwa;bari bavuye muri Egiputa. Hariho intambwe zitatu zagize urugendo rwabo. Bavuyemuri Egiputa, mu gutsindanishirizwa, bizeye Ijambo. Baritandukanije n'Abanyegiputa,barasohoka. Barajabutse Ikiyaga Gitukura bica abari babomye inyuma, na kwokukaba kwari ukwezwa biciye mu Maraso, kikaba ari co cica ivyifuzo bibi vyose vy'abantu;intambwe ya kabiri y'urugendo. Ariko intambwe ca gatatu ni igihe bajabukaYorodani, bakinjira mu gihugu c'isezerano ahari iragi ryabo. Iragi ryabo ntiryarimuri Egiputa habe na mba, nubwo Imana yabahezagiriyeyo.

27 MwebweAbaluteliyano mwizera gutsindanishirizwa; iragi ryanyu ntiriri ng'aho, nimba mwarahamagawe.Nimba uri Umuluteriyano gusa, aho ni ho uzogarukira honyene.

MwebweAbametodiste, n'Abanazarayo, hamwe n'Ingenzi z'Ubweranda, n'abo mw'Ishengerory'Imana, mwizera ukwezwa, kwica ikibi kibarimwo, kurandura imizi y'ibibi, mur'abohakurya y'uruzi.

Ariko kurimwebwe bagabo n'abagore mufise ikintu muri mwebwe kibahamagarira gusohoka, ubwinabuhamagara ubundi Bwina, haracariho Yorodani yo kujabuka, n'Igihugu hakuryay'uruzi.

Yavuze Iti:"Mugiye guca haruhande ya benewanyu. Mugiye guca haruhande ya benewanyu,kandi bari hafi y'umupaka. Nimwaca hafi yabo, ntihagire na kimwe mubabwira.Nahaye Esau uyu musozi. Nahaye Mowabu iki gihugu. Kandi sinshaka ko muteranaamajambo, ngo mubahindure abayoboke. Murengane gusa, mwitonze. Murazi iyomugiye. Ntihagire ingeso zabo mwandura."

28 Mowabuyari ifise umuvugishwa w'ikinyoma, umwepisikopi yitwa Balamu, umwe yamanutseakinjira mw'ikoraniro, akagerageza kubatera kwitunganya, ngo bose bakoranirehamwe, kubera ko bari benewabo. Ariko ntibari bo. Bari benewabo igice, ntibaribenewabo b'ukuri. Nimba mu mutima wawe…

"Ntimubaharirize.Mwibandanirize gusa, mubareke. Mugabe n'ivyo muhura na vyo nimwaca mw'icogihugu ciwe." Yari yagenewe kuva kera kuba ivyo. Iyo Imana iza kuba yari yiteze canke yageneyeMowabu kuva kera kwifatanya na Isirayeli, bari kwifatanya. Iyo Iza kubaYageneye Esau kuva kera kujana na Isirayeli, Esau yari kuba yaciye abajamwomaze bakajana. Ariko Yamuhaye iragi ryiwe hakurya y'uruzi.

29 None ni guteushobora kugerageza gutuma Abaluteriyano bose babibona, Ababatisita bose ngobabibone, Abaperesipiteriyano bose, n'Abanazarayo, hamwe n'Ingenzi z'Ubweranda? Ntimubacirekw'iteka. Ivyo ni vyo bazi vyonyene. Ivyo ni vyo vyonyene bibarimwo.

Ariko kurimwebwe mwizera (Ô Mana!), kuri mwebwe muzi, kuri mwebwe mufise ikintu kanakamuri mwebwe, gihamagarira ubwo Bwina; nimba ubwina bwose mufise bwarahagijwe, ahorero nimugume aho muri. Ariko kuri jewe n'inzu yanje, kuri jewe hariho Ikintu kanakakirengeye ivyo tumaze kubona. Hariho Igihugu hakurya y'uruzi, ahantu kanaka.Haracariho ubwina buhamagara ubundi Bwina. Sinshobora guhazwa na tewolojiya. Sinshoboraguhazwa n'ishengero ryiza. Sinshobora guhazwa n'igikorane co ku mugaragaro ciza.Sinshobora guhazwa n'igikorane gitoya co gukira indwara. Hariho Ikintu kanaka kirengeyeivyo gihamagara.

30 Noneho, nimubareke.Nimwibandanirize. Ntimuharire na bo. Ariko turiko turirenganira tugana mu kindiGihugu. Ntibagenewe kujana namwe. Ntibazojana namwe. Ni gute babiri bojana bataraganye?Ariko ni kubw'abo bakunda Imana, ni kubw'abo bahamagawe n'Imana. Emwe, bo bavugabati: "Imana yaraduhaye ishengero. Imana yakoze ibi."

Ivyo ni vyiza.Imana yavuze iti: "Nahaye Esau uyu musozi. Ntimumukoreko. Ariko mwebwendabafitiye ikintu gitandukanye. Nimujabuke." Amen.

Ico ni cocipfuzo canje, Bene Data, kubona ishengero ryanje rijabuka rikinjira mu kindiGihugu, icipfuzo co kujabuka hakurya ku rundi ruhande. Nimba hariho ikintu kanakamuri mwebwe, hano, gihamagara, ubwambere, hazobaho Ikintu kanaka co kwitaba uwo muhamagaro. Kwicara mu bworozibw'intama, ntibihagije kuri wewe. Uraja mu bwoko kanaka bw'ubucuruzi, ntibihagijekuri wewe. Kwinjira mw'ishengero no gushira izina ryawe mu gitabu, ntibihagijekuri wewe. Kubera ko, hariho ikintu kanaka gihamagara, hakurya y'umusozi,hakurya y'umusozi ukurikira, no hakurya ya Yorodani, gushika uguye mu minwe y'Imana,hakurya, ubwina buhamagara ubundi Bwina.

31 Yosuwayari azi ko iki gikorwa kitari coroshe. Mwabonye hano? "Jewe…" Igihe Yosuwayatangura kujabuka Yorodani, mbega ukuntu Yosuwa yibutse igikorwa ciwe yariyarahawe! Iki Gitabu c'amategeko, Ijambo ryanje, ntikize kive mu kanwa kawe."Mu yandi majambo: "Yosuwa, sinitaye ivyo umuryango uvuga, ivyo abayobozib'amadini bose bavuga. Gumana n'iri Jambo, kugira ngo ushobore kuroranirwa mu nzirazawe. Nubwo bakora ibintu vyinshi bingana iki, hamwe n'bintu bito bakora ingenebingana, n'amadini

bagize ingene angana, gumana n'Ijambo, Yosuwa.‟ Ôo, bagenzi!”Gumana n'Ijambo, iri Jambo. Iri Jambo ntirize rikuve mu kanwa.‟ Reka nongere ndabsome.

Mugabo shikama, ushire amanga cane,kugira ngo witondere ivy' ivyagezwe vyose bivuga, ubishitse, ivyo Mose umusavyiwanje yakugeze; ntuz' utambamire i buryo cank' i bumoso,…

32 Nimba Ijambo rivuze riti: “Kora ikintu kanaka,” nuce ugikora.Sinitayeho ivyo amadini avuga. Nuce ugikora ukwo biri kwose. Uwo ni we YosuwaImana irindiriye. Ntutambamire i buryo canke i bumoso. Nugumane n'Ijamboubudatirigana.

… ntuz' utambamire i buryo cank' ibumoso, kugira ng' ugire ukuboko kwiza…

Ôo, mwibaza ngo muba muriko muragira ukuboko kwiza iyo mwubatseamashengero Manini-manini, mukaronka ibihumbi vyiyongera mw'idini ryanyu. Ukwosi ukugira ukuboko kwiza. Ivyo nta ntambwe n'imwe bibateza mu kwegeraisezerano. Ico dukeneye n'Imana birushirije, Mpwemu Yera birushirije.

… kugira ng' ugire ukuboko kwiza ah' ujahose.

Ibiri mur' ico Gitabu c'ivyagezwe ntuz'ubikure mu kanwa kawe; arik' uze wame ubirimbura ku murango no mw' ijoro,…

Iyo mwiyumviriye gukora ikintu kanaka, mbega muragisuzumisha Ijambory'Imana? Mbega ivyipfuza vyanyu biri mw'Ijambo? Burya muriko mwigisha ibihuyena Bibiliya? Mbega ubwo ntimuri nka benshi uyu munsi, mbere benshi cane “barikobigisha ivyagezwe n'abantu”?

33 Ibiri mur' ico Gitabu c'ivyagezwe ntuz'ubikure mu kanwa kawe…

“Mu kanwa kawe,” ivyo uvuga. Nturisome hanyuma uce wirabira hirya.Rivuge. Ribeho. Ryigishe.

… arik' uze wame ubirimbura kumurango no mw' ijoro, kugira ng'ubone kwitondera ivyanditswemwo vyose,…

Mbega murabona ico Yosuwa wa kino gihe azoba ari? Mbega murabona icoYosuwa w'Ishengero rya mpwemu azoba ari? Ni bwa bwoko nyene bwa Yosuwa baribafise mw'ishengero ryo mu buryo busanzwe. Ishengero rya mpwemu ritegerezwakuba ukwo nyene.

Nimba muri Bibiliya havuga hati: “Umuntu atavutse ubwa kabiri ntashoborakubona Ubwami bw'Imana,” Yosuwa wa mpwemu azoca yitabiriza ati: “Amen.”

Nimba Bibiliya yavuze iti: “Yesu Kristo ni Wa Wundi nyene ejo hahise,uyu munsi n'ibihe vyose,” Yosuwa wa mpwemu azovuga nk'ivyo ati: “Ni Wa Wundinyene.”

Bibiliya niyavuga, ico Gitabu, Ijambo rivuze gurtya, riti: “Mugume mugisagara ca Yerusalemu gushika aho muzokwambikirwa Ubushobozi buvuye mw'Ijuru.Uyu Mpwemu Yera niyamara kubazako, muzombera ivyabona,” Yosuwa wa mpwemu avugank'ivyo nyene.

34 Kandi Petero, kuri wa Munsi Pentekote, yavuze ati:‟Nimwihane, umuntu wese muri mwebwe abatizwe mw'Izinarya Yesu Kristo, mubone guharirwa ivyaha vyanyu, kandi muzohabwa ingabire ariyo Mpwemu Yera,” Yosuwa waMpwemu ntazokurako n'akazatsa, ariko azobikora neza na neza nk'uko Ijamboryabivuze.

Nimba muri Mariko 16 havuze hati: Nimugende mu mahanga yose, mwigisheUbutumwa Bwiza. Uwizera akabatizwa, azokizwa; uwutizera azotsindwa n'urubanza.Kandi ibimenyetso bikurikira abazoba bizeye ni ibi: bazosenda abadayimonimw'Izina ryanje; bavuge mu ndimi nsha, bazofata inzoka, nibanywa ikintu cica,ntikizogira ico kibatwara; nibarambika ibiganza ku barwaye, bazokira,‟ Yosuwawa mpwemu azovuga nk'ivyo nyene. Azobizirikanako ijoro n'umurango, kugira ngoazogire ukuboko kwiza.

35 Nshaka yuko mubona ivyabaye, igihe Yosuwa yashika ku gikorane ciwe cambere, ku gihe ciwe ca mbere co kwerekana yuko yari Yosuwa w'ukuri. IvyoAbisirayeli bategerezwa guca babimenya.

Ata nkeka, abarongozi b'amadini bari bafise iciyumviro gitandukanye.Bavuze bati: “Ubu rero, dukambike hano gushika mu gihe c'urushana, nako gushikamu gihe c'ici, Yorodani ruzoba rwagabanutse.”

Kandi bisa nk'aho Imana yashitse kimwe mu bintu vy'ubupfu i bwina mumutima wa Yosuwa.

Yamushikanye aho mu kwezi kwa Ndamukiza, igihe Yorodani yari yikuvyenk'icuro zitatu canke zine. Yariko Iramugerageza, kugira ngo Irabe vy'ukurinimba yari Yosuwa w'ukuri.

Nimureke vyose bigende nabi. Nimurebe abandi batere imbere. Nimurekeabanyamafuti batere imbere. Nimureke abantu “bafise ishusho yo kwubaha Imana,ariko bagahakana Ubushobozi bwakwo,” reka batere imbere, namwe babasige inyuma. Arikonimba muzi aho muhagaze, muzoshikama. Mutitayeho nimba isi yose ibateyeakagere, muzoshikama gurtyo nyene. Ntimuzova kw'iri Jambo.

36 Yorodani rwari rwikuvye incuro nka zitatu canke zine, ruteye ubwoba,rusa nabi, rwuzuyemwo ivyondo. Ariko Yosuwa yavuze ati: "Imana yavuze iti, 'muminsi itatu,' tuzojabuka. Kandi tugiye kujabuka."

Aha rero abakuru bashobora kuba bavuze bati: "Hewe, hinge gato Yosuwawe. Turi abantu bize. Turi incabwenge. Aha benshi muri twebwe nari abahingabaminuje muri Egiputa. Turazi ingene ibi bintu bikorwa, rero turindire gato ururuzi rugabanuke, gurtyo tuzoce tujabuka. None ivyo ntivyoroshe rwose?"

"Ivyo mwiyumvira sindavyitayeho. Imana yavuze 'mu minsi itatu' tuzocatujabuka. Kandi tugiye kujabuka. Tugiye kujabuka mu minsi itatu."

Nimurabe ico Yosuwa yakoze. Ni bande yashizeimbere, abakuru? Oya, mushingantahe. Ijambo ni ryo yashize imbere. Yavuze ati:"Fata isandugu. Namwe baherezi, nimugume inyuma yaryo. Rigume inyuma.Nimugerageze kurirongora. Nabe ari Ryo ribarongora."

37 Aho ni ho hariingorane uyu munsi. Tugerageza gutangaIjambo imbere, tukarirengana, hanyuma tukarituma rihuza n'ibi, ngo rihuze na biriya.Murahirwa! Ico dukeneye uyu munsi, ni gukurikira Ijambo.

Ijambo ni ryoryababanjirije. Igihe ryashika kuri Yorodani, rwaciye rwigabura, na bobarajabuka. Ku gikorane ciwe ca mbere, yatanguje ibiza ubwa mbere. Yari afiseimpamvu yabikoze artyo. Yari afise impamvu, kubera Imana yari yaramuhayeigikorwa, Imubwira iti: "Ugumane n'Ijambo. Ureke Ijambo abe ari ryorivyikorera," igikorane cose, aho baja ku rugamba, kubera Imana yariyamutegetse gushira ya Sandugu imbere.

Isandugu imaze kujaimbere, ni bande bakurikiye? Kuririmba, abavuza ivyuma vy'umuziki, imbere yukointambara itangura. Haleluya!

Ico ni codukeneye uyu munsi, ni nka birya twagize kano gatondo: Abaririmvyi, ivyumavy'umuziki, kuvuza umuziki, gusesereza impundu. Hanyuma mushire Ijambo imbere,musome Ijambo. Hanyuma ruce rwambikana. Dutegerezwa kunesha, dutegerezwakunesha, nta bindi. Mugumane na Ryo ubudatirigana, mu gume mu ruhanderitumbereyemwo, rizobazigama mu gihe c'ingorane.

38 Yari afise intumbero nziza kubwo…Ubu rero mwibuke, igihe yajabuka hakurya, imbere yuko ajabukahakurya, yarungitse abatasi babiri, kugira ngo batate ico gihugu. Mose we yari yarungitseyo umugwi wose,gus abaca bagaruka bazazaniwe. Nimwitegereze ico gikorwa c'ibango gishasha.Ntiyigeze akora ivyo. Arazi yuko iyo mufise ivyiyumviro igihumbi n'amajanaatanu bitandukanye, muba mufise ibizazane igihumbi n'amajana atanu. Ariko weyarungitse babiri, ababwira ati: "Nimujeyo, mutate ico gihugu."

Ubu rero dushaka gushimika ku kintu kanaka ntashaka yuko mugihusha.Yavuze ati: "Ubu rero, nimwashikayo…" Barajabutseyo gutata ico gihugu, kurabanimba amasezerano yari ay'ukuri, kuraba nimba cari igihugu bwoko ki, n'ingenebategerezwa kucinjiramwo. Baragiyeyo. Amazina y'abo batasi ntiyavuzwe. Arikoigihe binjira mw'ico gihugu, bagarukiye i Yeriko honyene. Hanyuma bashitse iYeriko, habaye iki? Baciye bahungira ku maraya, umugore yari azwi nabi.

39 Ngomba ncapure igicapo. Birashoboka ko atari vyo, ariko nshaka gutanga iciyumvironkoresheje ico gicapo. Nta kahise ka Rahabu dufise. Tuzi ko yari imaraya. Reka twiyumvireko yakuriye mu muryango wa ba nyarucari, hanyuma aca ahinduka umunyangeso mbi.Kandi yari umukobwa mwiza, akiri muto. Yagiye mu mabarabara, kugira ngo nyinana se bamugaye babeho; nta kuntu yakora, kiretse kugurisha ingeso z'umubiri wiwe.Ariko ndashobora kwiyumvira, igihe cose, yari azi ko ivyo bintu vyari bibi.Hariho ikintu cari muri we, camubwira giti: "Ivyo si vyiza kubikora."Yari azi ko bitari vyiza.

Umunsi umwe yumva ko hariho Imana yariko iraza. Umutima wiwe utangura guhindaumushitsi. Aca abonana n'intumwa ivuye muri uwo muhari ukomeye, imubwira ivyaribigiye kuba. Yavuze iki? Yosuwa yari afise ibimenyetso. Yosuwa yari afise vya bimenyetsonyene Mose yari afise, neza na neza. Ubwo rero igihe ya…Rahabu ntiyasavyekubona ikimenyetso ca Yosuwa. Yarumvise gusa.

Ikigereranyo c'Ishengero, ikigereranyo c'Ishengero ry'ukuri ryakuwe mu bumaraya."Ndi Umumetodiste uyu munsi, Umubatiste ejo, bukeye bw'aho Umuperesipiteriyano,"ryakuwe mu bumaraya.

40 Ariko, giturumbuka, umuvugabutumwa muto yinjira mur'ico gisagara avuga ati:"Hariho Imana ibaho, Yabayeho ejo hahise kandi ni Ya Yindi nyene n'uyumunsi. Ubushobozi bwayo buracari bwa bundi nyene. Ikora vya bikorwa nyene nkabimwe Yakora igihe Yari hano kw'isi." Abakozi bayo bari mu nzira.

Noneho, Rahabu imaraya, azwi nk' imaraya, yari ikigereranyo c'uwizera uyu munsi,uwizera w'ukuri. Ntiyavuze ngo: "Noneho ndumva ko Yosuwa ashobora gukoraibimenyetso, kuko ari we yakoreye Mose mu ngata. Nari nipfuza kubona ivyobimenyetso. Kandi hamwe noshobora kubona ivyo bimenyetso, nca ndavyizera." Erega,ntivyari ngombwa rwose ko yerekana ivyo bimenyetso, kuko uwo mugore yaravyizera,uko biri kwose. Ntiyari Toma. Yaravyizera.

41 Mose, igihe yaronka ibimenyetso, yaramanutse akora ivyo bimenyetso, arikoikimenyetso si co kintu

cabajanye mu gihugu c'isezerano. Si co cabajanye.Ibimenyetso kwari ukwemeza kirya gikorwa.

Rahaburero yaravyizera, ata na kimwe arinze kubona. Yavuze ati: “Twese turikoturahinda umushitsi.”

Ntibitangaje,Nikodemu yavuze ati: “Rabi, turazi ko uri Umwigisha aturuka ku Mana, nta muntun'umwe ashobora gukora ivyo bintu Imana kiretse Iri kumwe na we. Tweseturabizi.”

Isi irabizi, uyu munsi. Billy Graham ahamagara ati: “Dutegerezwa gusubira kuriPentekote.” Inama y'amashengero irahamagarira iti: “Dutegerezwa gusubiraku bavugishwa, ku bavuga mu ndimi, ku basobanuzi b'indimi, ku gukiza indwara kw'Imana,ku bakiza mu mashengero yacu, kureka Mpwemu w'Imana akagira uburenganzira bwiwebwo kwidegemvya.” Imana iriko irahamagara. Abantu baratinya ukwubaha Imanakw'ukuri, bakavuga bati: “Vyose, imitima yacu irananiriwe imbere muri twebwe.”

42 Rero, ntivyari ngombwa ko abona ikimenyetso Yosuwa yashobora gukora n'ukubokokwiwe canke n'inkoni. Yarizera. Yavuze ati: “Narumvise, kandi ndizera. None ubundiko nsaba imbabazi.” Ôo, ese ukuntu twoshobora gukura icigwa hano. “Ndiko nsabaimbabazi, jewe n'inzu yanje.”

Nimurabe wa Muroma rya joro, umwe yasokora inkota, agira yiyahure, umurinziw'ibohero ry'Abafilipi. Paulo yavuze ati: “Ntiwigirire nabi. Twese turi hano. ”

Amubazaati: “Nokora iki kugira ngo nkizwe?”

Nawe ati: “Izere Umwami Yesu Kristo, wewe n'inzu yawe urakizwa.”

96Kubera iki? “Wewe n'inzu yawe.” Koko. Inzu yawe irakizwa hamwe nawe. Kuberaiki? Nimba ufise ukwizera guhagije kugira ngo ukizwe, urashobora kugira ukwizeraguhagije kugira ngo umuryango wawe ukizwe. Egome. “Wewe n'inzu yawe.”

43 Raba Rahabu.Rahabu yavuze ati: “Mbabarira. Nimunkize.Sinshaka gupfana n'aba batizera. Sinshaka gupfa nk'igikoko. Nshaka gupfira mumaboko ya Yehova. Ndizera Imana yanyu, kuko ari Imana yo mw'Ijuru no mw'isi. Irakoraibintu bigaragara. Irakora ibiboneka. Sindigera ndayibona Ibikora, ariko ndavyizera,uko biri kwose.” Murabona? Ntiyari bwigere abona Yosuwa. Ivyiwe yariyaravyumvise. Ntiyari bwigere abona Imana. Ntiyari bwigere abona na kimwe mubikorwa vy'Imana. Yarumvise gusa. Abandi bari barabibonye, we yizeye kubwo kuvyumva. Rero, yavuze ati: “Ndashakagutoneshwa, na data, na mama. Bompi barashaje kandi bafise ubumuga. Ndafisebarumunanje bakeya. Nshaka kugira ukwizera kubwabo.”

Hanyuma uwo mutasi, uwo muvugabutumwa, avuga ati: “Ego, aje gutya, kanditugiye gufata iki gihugu. Rero nimba ushaka kubakiza, bashire mu nzu.”Haleluya! “Nimba uvyizera, genda ubazane ubinjize hano, kubera ntibizobabituraba nibaba bari mu mabarabara. Ariko niwabinjiza mu nzu gusa, bizobabituraba.” Haleluya, hamwe wa mugozi muto utukura wategerezwa kumanikwa kw'idirisha.“Bizoba bituraba niwabinjiza mu nzu.”

44 11Ôo Bene Data, nimba hariho igihe twigeze dukenera kwinjiza abacu mu Nzu, ni uyumunsi, mu Rugo rw'Ukwizera. Nimubinjize, kuko igihe kirageze aho hazoza ukunyiganyizwa.Kimwe gusa, ba papa na ba mama, benewacu na bashiki bacu, bari impore mu Rugo honyene,kubera ko ubushobozi bw'Imana bugiye kwongera kunyiganyiza isi. Ni ko biri.Kandi Inzu y'Ukwizera ni yo izokizwa.

Yavuze ati: “Rero, ntituzobibazwa kiretse nimwaba muri mu nzu.” Kandi yarabarahiyeko batomuranduye canke umuryango wiwe. Yavuze ati: “Niwabinjiza, bazoba bariimpore.” Arabamanukana bava aho hantu, baragenda.

45 11Iyo maraya ihambaye, Rabahu, ihinduka uwizera. Naravuze kuri kahise kiwe hano,nta gihe giheze. Inyuma y'aho yarafashwe nkama, aremerwa mu kwizera, kuberayizeye Imana, aca yinjizwa mu kwizera kw'Abisirayeli, uwahindukirijwe mukwizera. Yarehejwe n'intwazangabo mu gisirikare, wo mu gisikare c'Abisirayeli.Nimurabe ivyo Imana yakoreye uwo mugore. Kandi bari bafise i…Bimukiye iBetelehemu, hanyuma bavyara umwana; maze uyo mwana bamwita Bowazi. Mu nyumaBowazi arongora Rusi, kuri Rusi na Bowazi havuka Isayi, kuri Isayi havukaDawidi, kuri Dawidi havamwo Yesu. Haleluya!

Kubera iki? “Ukwizera kuva ku kwumva, kwumva Imana ari yo Mana yo mw'Ijuru nokw'isi, no kuyizera.” Kwizera iki? Igikorwa Imana yari yarahaye umuntu yitwa Yosuwa,kwizera ico gikorwa.

46 Yosuwa yarizera igikorwa yari yarahawe, nk'uko na Mose yavyizera. Ibintu vyagenzenabi kuri Mose, bisa nk'aho yananiwe incuro nyinshi, ariko yarabiciyemwo muntsinzi apfira kuri ca Gitandara. Abamarayika baca baramutwara.

Mana, uze undeke ngende nk'ukwo. Reka mbandanye igikorwa canje kugeza umunsi umwe,igihe nzoba niteguriye gupfa, nzobona ico Gitandara kindi i ruhande. Yosuwa arikoabandanya igikorwa ciwe. Nubwo yari afise…Imana izokizigama ari ceranda, kukoyagumanye n'Ijambo ubudatirigana.

Rero Rahabu yaramenye ko Yosuwa yari afise ico gikorwa. Ubu rero ibintibibacike. Ico kintu

mukigumize mu mitima yanyu. Yosuwa yari afise igikorwa;Rahabu yarabimenye imbere yuko abona n'ikintu na kimwe. Yaramenye ko Yosuwa yariafise ubushobozi bw'Imana bwari bugiye gufata ico gihugu. Yasavye imbabazi.Imana yarazimuhaye. Rero igihe Yosuwa yinjira mw'ico gihugu, ata nkeka, turaziko uwo mugore yarokotse.

47 Ariko rero, ikindi gikorwa gikomeye Yosuwa yari afise, cari ico kugabanganirizaigihugu abantu.

Rero mwibuke: “Iki Gitabu c'ivyagezwe ntikizokuve mu kanwa,” rero yari afiseIjambo ry'Imana. “Nk'uko nabanye na Mose, genda. Nk'uko nabanye na Mose, ni konzobana nawe. Sinzokureka. Wewe ushobora kundeka, ariko Jewe sinzokureka. Arikoniwandeka, ubuntu bwanje burahagije, nzoguafa nongenre ndakugarukane. Komezagusa. Igihe cose uzogumana n'Ijambo ryanje, nzokwitwararika.”

48 Ubu rero yategerezwa kugabura igihugu, kandi hariho imiryango cumi n'ibiri yokukigaburira. None iyaza kugira nkunzi na ho? Vyari kugenda gute iyo akundaumuryango wa Gadi kuruta uko yakunda ubwoko bw'umuryango wa Efurayimu? Umuryangowa Yosefu kuruta uwa Yuda? Ariko s'uko yabikoze. Yakigabuye akurikije Ijamboryahishuwe na Mpwemu. Yigabuye bivanye n'umuryango. Kandi nimurabe, yabikoze biciyeku guhishurirwa, mu bushishozi, kubw'ubushishozi bwa Mpwemu w'Imana,yarabikoze.

Umwe wese muri abo bavyeyi b'Abaheburayo, bariko baribaruka abo bana, bacabatura amazina. Kandi buri zina ryabo rifise insobanuro.

Yakobo, igihe yavuka, kubera bavutse ari amahasa, yamwise “uwutwara ikibanza camugenziwe,” Yakobo. Ariko amaze kuronkainkomezi zo kunesha, arwana n'Umumalayika, Imana ihindura izina ryiwe, rivakuba Yakobo riba Isirayeli, “umwami.”

Izina rirafise aho rihuriye n'ubuzima bwawe. Igihe Petero, umurovyi, amazekunesha, kubera ukwizera kwiwe muri Yesu, Yamubwiye ati: “Witwa Simoni. Ariko ndakubwirako uri Petero, na rwo rukaba ari'urutare.'” Riraguhindura. Izina ryawe rirafise ico rikorako, hamwe n'ikibanzacawe mu buzima.

49 Kandi igihe iki kintu gikomeye cashika, igihe buri umwe muri aba bavyeyib'Abaheburayo, mu mibabaro yo kuramukwa, yaratura nka “Reyubeni,” ivyovyaramushize mu kibanza muri Palestina, nk'uko nyina yaba yabivuze, mu kwaturaizina ryiwe, akarivuga. Sindayafise yose yanditse hano. Ariko, dufashe nka Reyubeni ryasobanura “umwungeri.” Gadi risobanura “umworozi w'inka.” HanyumaEfurayimu ryasobanura “umurimyi w'ibigori.”

Rero,kubw'ubushishozi bbwa mpwemu, Yosuwa, uyu murongozi mushasha, kubw'ubushishozibwa mpwemu, umwe wese yamushize iwe, yagabuye igihugu neza.

50 Ikigereranyo ciza cane uyu munsi ca Yosuwa dukeneye uyu munsi. Ingorane ihariuyu munsi, iyo tugeze mu Gihugu c'isezerano, Gadi ashaka kworora intama nkaEfurayimu, umwe ashaka kworora nk'ivy'uwundi. Umuntu wese aca ashaka kuba ukwonyene. Reka Imana ihe umuntu umwe ingabire yo gukiza indwara, abantu bose bacabashaka ingabire yo gukiza indwara. Efurayimu na Gadi, n'abandi bose bashakakuvangana, bose ngo bagire ivy'umwe. Ariko turagabuye, bibanza vyacu. Bosentibafise ingabire y'ubwenge. Bose ntibavugishwa. Bose ntibavuga mu ndimi. Bosesi abavugishwa. “Ariko Imana yashize mw'Ishengero, bamwe kuba abavugishwa,abandi kuvuga mu ndimi.” Bose dushaka kubagira abavuga indimi. Murabona ingeneari uruzazane? Ng'aho nta na hamwe ushobora gushika. Emwe, Abafilisitiya bariguca babafata mpiri mu kanya isase. Ni vyo. Ariko igihe umuntu wese, biciye kumurongozi yabatandukanije biciye ku bushishozi bwa mpwemu akabashira mu mubiri,bagumyeyo bahinduka amavuta y'isi.

Mana, duhe Yosuwa. Mana, tugarukanire Yosuwa azobandanya igikorwa hamwen'Ijambo.

Ukwo ni ko Imana yamubwiye. “Iki Gitabu c'ivyagezwe ntikize kikuve mu kanwa,kuko uzokizirikaneko ijoro n'umurango,” kuko yari afise igikorwa ashinzweimbere yiwe.

51 Noneho, mbega umurongozi akomeye Yosuwa yabaye, nta rugamba na rumwe yigezeaneshwa kiretse hari ikintu kitagenze neza mw'ishengero. Igihe Akani yatwaraurumanyu rw'inzahabu, ntiyari ishusho ya Yosuwa, ngo kube ukwizera kwabikoze. Icabaye,yatwaye impuzu y'i Babuloni hamwe n'urumanyu rw'inzahabu mw'ikambi. Kandi igiheyabikora, vyononye urugamba rwose.

Urugingo rumwe rurwaye; ingingo zose ziba zirwaye. Imana igiye kuza gutora,umwe mur'iyi minsi, Mwene Data, ni Ishengro ritagira amarabaga canke injebejebe.Ije gutora Ishengero ryuzuye Mpwemu, urwo Rukundo rwa Kimana rw'Imana ruhambiriyeimitima yabo hamwe, ku buryo bazogenda nk'aho bari umwe.

52 Urugamba, muri uru ruzazane rwose, rutegerezwa kwegukirwa. Mbega Abametodisteni bo bari mu kuri, Ababatiste, Abaperesipiteriyano, Abapentekote, Abanazarayo,Ingenzi z'Ubweranda? Amadini amajana icenda na mirongo itandatu n'icendaatandukanye, udashizemwo Ababuda n'abo bandi, n'ubundi bwoko bwose. Turi he?Hariho ikitagenda neza. Hariho ikimanyu c'inzahabu mw'ikambi ahantu

kanaka.Yosuwa akoresha ubupfindo.

Reka mvuge ibi, muri iki gitondo, nka Eliya ku musozi wa Karumeli. "Nimba Imanaari Imana, reka yishure nk'Imana." Nimba idini ry'Ababatiste ari ryo riri mukuri, reka turabe ko berekana vya bimenyetso vya Yesu Kristo. Nimba Abanazarayoari bo bari mu kuri, reka tubabone berekana ikimenyetso, bakore ivyo Yakoze. Nimba Abapentekote ari bo bari mu kuri,reka tubabone bakora ivyo Yakoze. Gurtyo tuzoca tubimenya.

53 Abigishwaba—ba Yosuwa bavuze bati: "Tuzogukurikira igihe cose tuzobona Imanaikorana nawe nk'uko Yakoranye na Mose."

Kandi abigishwa ba Yesu Kristo bategerezwa kuvuga ukwo nyene. "Tuzokorana nawenitwabona ibimenyetso vya Yesu Kristo bikorana nawe. Tuzoca dukorana nawe." Nivyo twategerezwa gukora. Ni vyo ishengero ryategerezwa kuvuga. Iyo yategerezwa kubaari yo nyifato y'ishengero rya Gikristo. Gurtyo murashobora gushiraho urutonde,ingabire, ibimenyetso, abakozi. Nimba umuntu umwe ari uwukiza indwara mu buryobwa Kimana, ivyo ntaho bihuriye n'uwuvuga mu ndimi. Uwuvuga mu ndimi ntahoahuriye n'ingabire yo kuvugishwa. Murabona? Dufise intambwe zitandukanye z'iki gikorwac'ibango.

54 Rero, igihe Imana yampa igikorwa canje. Nashingiye kw'ibi vyose, kubw'iyi ntegoimwe. "Ingabire n'imihamagaro ntivyicuzwa." Nta muntu n'umwe ashobora kwigiraikintu na kimwe. Imana ni yo ikugira ico uri co, kubw'ubuntu bwayo. Nta buryo dufisebwo kugira ico twigira. Yesu yavuze ati: "Ninde muri mwebwe n'amaganya yiwe yoshoborakwisumvya uko yareha n'ukuboko kumwe?" Ninde n'amaganya yiwe yoshobora kwigira muremurecanke mugufi? Ntavyo ushoboye.

IgiheImana yatanga iki gikorwa, narabibajije. Navuze nti: "Simpagije,canke ntibihagije. Nta mashure mfise. Sinshobora gukora ivyo bintu."

Kandi benshimuri mwebwe hano muri iki gitondo, muracaba hano uyu munsi. Igihe Yagaragara hanohariya epfo ku ruzi, muri irya shusho y'Inkingi y'Umuriro, hanyuma ahagararaaho maze akavuga. Yavuze ati: "Nk'uko Yohana Umubatizi yarungitswe, kugirango abe integuza y'Ukuza kwa Mbere kwa Kristo, ni ko Ubutumwa bwawe buzobainteguza yo Kuza kwiwe kwa Kabiri."

55 Nimurabe icovyakoze. Urya Muco umanitse hariya, waranditswe mu binyamakuru, bikwiragiramuri Amerika no mu bindi bihugu.

Dogiteri Lee Vayle, hariya, yari muriKanada ico gihe. Aribuka igihe yabibona mu kinyamakuru co muri Kanada, ndizerako vyari vyo. Mbega ntivyari vyo, ga Lee Vayle? Mu kinyamakuru co muri Kanada:"Umuco utadahuritse wagaragaye hejuru y'umutwe w'umukozi w'Imana nyakarambi mu giheyariko arabatiza."

Abantu benshibavuze bati: "Ni ivyiyumviro mva-mutwe."

Ariko umunsi umwe Imana yahisemwo kwugaraumunwa w'abatizera, kubera ko Yagumye n'Ijambo. Ya Nkingi y'Umuriro nyene imweyarongora abana b'Isirayeli, ni Ya Yindi nyene n'uyu munsi, iriko irongora Ishengerorya mpwemu, ni Ya Yindi nyene yarongorwa iryo mu buryo busanzwe. Yarongeyekugaragara, barayifotora imbere y'abacokoranyi n'abashinzwe gusuzuma. Ng'iyiiramanitse ubu. Ukuri kutihenda; Ikora vya bikorwa nyene, Irongora abantu murimpwemu, nk'uko Yabarongoye mu buryo busanzwe hariya kera, ikagumana n'Ijambo. ReroYavuze ico igikorwa cari co. Ubu rero mwibuke, Imana ntizokwigera iva mu gikorwacayo ijejwe.

56 Nimba…Nkunda ndabibashushanirize, canke mu buryo kanaka. Tubifate nk'uku hano. Ng'iki ikimenyetso gito hano, ico ni igikorwa. Noneho, hano hariumusaraba muto, mu mfuruka imwe; na Bibiliya, mu rundi ruhande; ariko inyandikoiri hagati, hano, ico ni igikorwa.

Ndabibatangarijeimbere y'Imana n'Abamarayika batoranijwe, na Yesu Kristo. Ico gikorwa cari:"Sengera abarwaye."

Ikibazocari iki: "Simpagije kubikora."

"Kubera iyo ni yo mpamvu wavutse. Ibi ni vyo bisobanura ukuvuka kwawe n'ubuzimabwawe vyihariye, n'uko utegerezwa gusengera abarwaye. Niwabashikana kukukwizera, maze ugashimika mu mutima igihe usenga, nta kintu na kimwe kizohagararaimbere y'isengesho yawe, habe na kansere." Ivyo ni bangahe babisomye, mu myakayashize? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen." —Umw.] Vyarakwiragiye kw'isi yose.

57 Noneho, ubwo navuze nti: "Sinshobora kubikora, kuko simpagije kugirandabikore. Ntibazonyizera. Ndi nyarucari. Nta mashure mfise." Uwo yari jewenabaza.

Yavuze ati: "Nk'uko Mose yahawe ibimenyetso bibiri kugira ngo vyemeze igikorwaciwe, ni ko nawe…" Atari "uzohabwa." "Wahawe ibimenyetso bibiri. Kimwe muri vyokizoba kiri ku kiganza cawe. Kindi kizoba ari uko uzomenya ibihishijwe mu mitimayabo, ivyiyumviro vy'ubwenge bwabo. Kandi kur'ibi bazokwizera, kuri

ibibimenyetso bibiri." Noneho mwibuke. I…Nimwumve. Ibi ntimuhushe kubibona.Ikimenyetso si co gikorwa. Ikimenyetso cerekana igikorwa gusa.

Ugiye aho hanze kw'ibarabara ukabona icapa, uvuga uti: "Habura ibilometeroumunani ngo nshike Jeffersonville." Ivyo si vyo Jeffersonville. Ico ni ikimenyetsoco kukwereka ko wajanye ibarabara nyaryo.

58 Bite se iyaba Mose, igihe yamanuka hariya afise ikimenyetso, hamwe n'inkonin'ukuboko kwiwe; ikimenyetso hano si co gikorwa nk'uko vyari bimeze kuri Mose. Vyarikugenda gute iyo Abisiraheli bose bavuga bati: "Hemwe, yemwe Banyegiputa, Bisirayelimwese, nimuze hano. Turafise umuntu ashobora gukora amayeri n'ukuboko kwiwe. Mutegerezwakuza kubiraba. Turafise umuntu ashobora gufata inkoni akayihindura inzoka.Ngwino murabe?" Ico cari ikiranganzira gusa. Ico si co cari igikorwa. Ntibaribarindiriye ikiranganzira. Imana idufashe. Bari barindiriye ugutabarwa.

Kandi iyi si ikenye, irwaye, imugaye irindiriye ugutabarwa, hanyuma igahangaamaso ikiranganzira. Ubuntu butubeko! Ikiranganzira nta kindi kiri kiretse ikimenyetsoco kwemeza igikorwa. Hariho igikorwa c'ibango gishasha. Narabihishuriwe gusa."Sengera abarwaye. Shikana abantu ku kukwizera." Ivyo Imana ntishobora kubihebahabe na mba. Ng'ico igikorwa cayo, uko vyogenda kwose, nimba ari kangahenananiwe. Ndananirwa bimwe biteye akagongwe. Sinategerezwa na mba kubanarabandanije hamwe n'ibi bimenyetso. Ntivyari ubugombe bw'Imana, ariko Imanayarabihezagiye uko biri kwose. Ariko nditeguye kuva kuri uyu musozi. Nshakakujabuka Yorodani, nshaka gutwara igikorwa. "Shikana abantu ku kukwizera."

Navuzenti: "Ntibazonyizera."

"Hazokwongerwako ibimenyetso bibiri."

59 Rero ikibazo gihari, twagumye duhanze amaso ikimenyetso. "Ôo, Mwene DataBranham! Urabona? Uzomushireko ikiganza, wewe, emwe, uze wirabire ibica biba. Uzohagarareimbere yiwe isigwa rimuriko, azoca akubwira ibiri mu mutima wawe vyose." Ni vyo.

Ejo bundi ninjiye mu bitaro hano. Harihoabaganga, ntibashobora kubona ibitagenda neza kuri nya mugore. Abaganga bavuyemur'ico cumba, uwo mukenyezi asubira inyuma. Kandi yari ahagaze, ku buriri, avugaati: "Bavuze ko ata kintu na kimwe bashobora kuntora, ikitagenda neza."Yavuze ati: "Mwene Data Branham, wewe urashobora kumbwira."

Ndamubwiranti: "Hamwe unyizeye, ndabishoboye." Avuga ati: "Ndizeye."

Hanyuma Mpwemu Yera aca avuga ati: "Ni ibin'ibi. Niivyo. Ni ukuri. Noneho raba nimba atari vyo." Ni umwe mu bagize ikoraniro ryaJunie Cash.

60 Uwundi mugore yar'aho,avuga ati: "Umugongo wanje." Avuga ati: "Ntibashobora kubona icabiteye."

Ndamubaza nti:"Urizera ko ndi umuvugishwa wayo?"

Na we ati: "Ndavyizeye."

Ndamubwiranti: "Ingene vyagenze, hariya inyuma mu ntango za Ruheshi, wewe…Ba—barikobagerageza kugukora, bagerageza kubaga uruti rw'umugongo rutaguma mu kibanza. Siivyo. Umutsi wataye ikibanza. Vyagufashe uriko uraterura umuzigo, igihe wakorakw'Isoko rya McSpaddin."

Avugaati: "Ndibutse igihe vyaba. Ubu nciye ndavyibuka."

Ivyo si vyo bimukiza. Ivyo vyerekana igikorwa gusa. Nimureke kugumiza amaso kukiranganzira. Reka tubandanye mu gisagara. Reka tuve kuri uyu musozi. Reka dushikamur'ico gisagara. Reka tujabuke Yorodani.

61 Narakosheje. Narakoze nabi. Ni yo mpamvu nashimikiye kuri izi nyigisho ukundazifise. Kubera, Yavuze iti: "Nk'uko nabanye na Mose, ni ko nzobananawe," hanyuma igihe ca Kiganza camanuka kigatunga urutoke kuri ico Canditswenyene; kuva kera naribajije, kuko sinari nzi ico igikorwa cari co. Naronderaikintu c'indengakamere kirenze ivyo. Imana ntishobora kuva mu gikorwa cayo.Imana yaratanze igikorwa, bitegerezwa kuguma ukwo.

Ariko abantu ba Pentekote bose bakunda ibimenyetso. Bakunda kubibona. Bibiliya ivugaiti: "Urunganwe rubi kandi rw'ubusambanyi rurondera ibimenyetso." Ariko igikorwacari: "Sengera abarwaye." Kandi incuro ibihumbi n'ibihumbi narananiwekubasengera, kuko bose bipfuza ikimenyetso. Bose baravyifuza.

62 Ejo bundi, nariko ngerageza gukora igikorwac'ibango, ninjira aho hantu. Hanyuma umugabo umwe aza ku ruhimbi, avuga ati:"Noneho, Mwene Data Branham, hinge gato. Ikibazo canje kiratandukanye. Ntegerezwakugira ico menya." Ndamubwira nti: "Erega, umuganga arashobora kugusuzuma."

“Ôo, sinshaka ivyo. Je—jewe nshaka kubimenya ubunyene. Ikibazo mfise kiratandukanye cane.”

Ndavuganti: “Gusa, sinkunze gukora ivyo, Mwene Data.” Nca ndabijamwo. Mw'ako kanya, MpwemuYera arabihishura.

Asemerera ati: “Umwamiashimwe. Ukwo ni ukuri.” Ndavuga nti:“Abasigaye nimuze aka kanya. Reka ndabasengere.”

Igihe nakora ivyo, murazi ico uwakurikiye yavuze? “Ingorane mfise niiy'umwihariko nka we.” Hanyuma ngeze nko kuri batandatu canke umunani, igikoranenca ndagihagarika. Hafi guhwera.

Nahora nibaza, kuki ivyo vyankorera ivyo? Ni kubera ko nariko ndabikora nabi. Ivyoni ikiranganzira gusa cerekana igikorwa. Si co gikorwa. Ico kiranganzira camanitswen'imisumari, kw'isi yose. Kandi indimi, Afrika, Ubuhindi, Aziya, Uburaya, kw'isihose, mu bantu ibihumbi n'amakungu, barazi iki kiranganzira. Nditeguriye kuvakuri uyu musozi. Ndashaka gukomeza hakurya ya Yorodani. Ndashaka kwinjira mukintu kanaka hakurya, aho ukwizera kwanje kuzoshika ahantu, aho nzosengeraabantu, bagakira.

63 Nimurabe,Imana ibigarukana ubutarariye mu minwe y'abantu. “Wavukiye gusengera abarwaye.Niwashobora kubashikana ku kwizera.”

Navuzenti: “Ntibazokwemera.”

Na Yo Iti: “Nzoguha ibimenyetso bibiri, kandi kur'ivyo bazokwizera.” Uburero murabe ivyo bimenyetso, barabikoraniyeko, ibiranganzira, aho kuba igikorwa.“Kwizera yuko warungikiwe gusenga.”

Noneho iyo abantu baje mu murongo, kugira ngo basengerwe, umuntu akimara gushikaaho…Nta na kimwe nshobora kubikorako gushika bashitse aho hantu. Kandi iyo bahashitse,aho rero nca mvuga nti: “Ndaguhaye…”

64 Hattie Wright, we, ndakeka ari hano muri iki gitondo, yicaye neza na nezahariya. Ni we yabaye uwa mbere, igihe twabona ya mihare; hanyuma amenyaigikorwa kuri ivyo, hamwe na ca gihe za ncuro ndwi bukwi na bukwi Imana yaremaikintu kanaka. Navuze nti: “Iyo ni ya Mana nyene yashobora kurema impfiziy'intama kuri Aburahamu, kugira ngo imwemeze igikorwa ciwe; ni iyo Mana nyeneishobora kurema umuhare, kuko ari wo nari nkeneye.”

Uwo mutamakazi muto Hattie Wright ng'aho, urya yicaye inyuma. Hamwe n'umutima wiweuri kure y'ivy' isi, yaravyizeye. Yavuze ati: “Mwene Data Branham, ivyo ntakindi biri kiretse ukuri.” Ntiyabivuze bivuye hano. Ni Imana yavuze bivuye mu mutima wiwe.

Ncamvuga nti: “Hattie, saba ico ushaka. Nca ndakiguha.”

Arambazaati “Nsabe iki?”

Ndamubwiranti: “Ufise papa na mama bashaje bicaye hano. Ufise murumunawe amugaye. Agenderamw'ikinga ry'ibimuga. Urashobora gusaba kubwiwe. Urashobora gusaba kubwa mama,na papa. Urakenye. Nta mafaranga na makeya ufise. Nusabe ico ushaka cose.”

Avuga ati: “Emwe,sinzi ico ndi busabe.” Avuga ati: “Ntavyonzi gusa.” Avuga ati: “Icipfuzo canje gikomeye ni agakiza k'abahungu banje bompi.”

Ndamubwira nti: “Abahungu bawe ndabaguhaye, mw'Izina rya Yesu Kristo.” Kandibompi barahindukiriye Imana, barakunda Umwami Yesu. Bompi barabatijwe mw'Izinaryiwe, kandi bakorera Imana, buri munsi, n'imitima yabo yose.

65 EdDaulton, yicaye hano ahantu kanaka, hepfo aha. Ku vyerekeye abana biwe, habayenk'ivyo nyene.

Narabonye, vyibuze, mu gikorane co ku mugaragaro, amajana umunanicanke amajana icenda, kumbure abantu igihumbi baza ku gicaniro, mu gikorane,umwe ku wundi. Ica mbere murazi, ndaduga hanyuma nkabasengera. Koko, barakira. Hanyumahano haza umukobwa muto, yari mu kwicwa na kensere yo mubwoko bwa leukemia. Koko, nari nzi ikitagenda nezakw'uyo mwana. Nta jambo nari bwigere mbwira n'umwe muri bo. Ariko uwo mwana ahageze,navuze nti: “Mukundwa, ndaguhaye icipfuzo c'umutima wawe. Urwaye kansere. Nonendaguhaye ugukira kwawe, mw'Izina ry'Umwami Yesu.”

Naciye mpindukirira ikoraniro, mvuga nti: “Ndahaye agahinyuza umwe wese murimwebwe muri hano: Nimujane uwo mukobwa kwa muganga, mumusuzumishe, hanyumamurabe nimba hari n'amakanda ya kansere afise.” Kubera iki? Uwo mwana yariyarumvise, nka Rahabu maraya. Yaravyizera n'umutima wiwe wose. Noneho Imana, kubwaMpwemu wayo, aragaruka avuga ati: “Uwo ni we.” Amajana bari baciye kugicaniro, ata n'umwe, nk'uko mbizi, yakira ikintu na kimwe. Narabasengera gusa.

66 Tugarutse ku bantu,“Nimba wizera.” Igikorewa cari catanzwe. Ico ni ico ku nkomoko. Ikiranganziracarakozwe. Rero nimba mushoboye kwizera ivyo, nimba muzokwizera ko Imana

yandungitsemw'isi gusengera abarwaye, nzoshobora kubasengera isengesho ry'ukwizera. Ubwoni bwo buryo bwonyene bushobora gukorwamwo.

Imanantishobora na rimwe kuva mu gikorwa cayo. Jewe narayihevye. Nabaye, imyakaigera kuri cumi n'ine, ata kindi kiretse kumenya ivyiyumviro mu buryo budomako,hirya no hino kw'isi, kugeza ku ncuro ibihumbi, ingorane imiliyoni, kumbure.Ndababaze ikintu kimwe, vyarigeze binanirwa? Oya, mushingantahe. Kandi nimba ikiranganzirakitazonanirwa, ni kangahe igikorwa kitazokwigera kinanirwa. Nimba ikimenyetso,ico gice gito; nimba ikiranganzira cerekana igisagara, nimba kitananirwa kubabwiraigisagara kiri hariya, ni kangahe igisagara kizoba gihari nimwagishikira. Hariho igikorwa.

67 Ubu rero igikorwa c'ibango ryanje kiriko kirahinduka. Caramaze guhinduka. Hazogumahoukumenya amabanga. Bazobandanya nk'uko numva Imana ishaka ko ndabivuga. Arikokugeza ico gihe, nzosenga, ndambike ibiganza ku barwaye, nk'uko Yambwiye ngonkore, kandi ngo njane igikorwa. Ibi nabirindiriye igihe kirekire, arikondizera ko ubu twiteguriye gufata Igihugu c'isezerano. Kandi nk'uko bizogendaneza, hazoba hari ba Rahabu barindiriye, hazobaho abantu kanaka barindiriye bazovyizeran'imitima yabo yose.

Murashobora gutahura? Abantu bose babitahura neza, nimukirize amaboko yanyu. Nibangahe bizera ko ivyo bihuye n'Ivyanditswe rwose? Ni vyo rwose Yavuze. Iki ni co gikorwa; ibi vyari ibiranganzira vyerekana igikorwa.

68 Ubu rero ndahinyuje umuntu wese ambwire, aho ari ho hose kw'isi, kur'ayamabande, aho ashobora kuja hose, nyereka incuro imwe Yigeze Inanirwa kuvugiraku ruhimbi, canke mw'iyerekwa na rimwe canke mu kindi kintu cose, kiretse icarigikwiye rwose, kikaza gushika nk'uko Yaba Yakivuze. Yabwiye muntu wese neza naneza ingorane yiwe iyo ari, n'ibijanye na vyo vyose, n'aho vyazananye, hamwen'ivyo bategerezwa gukora. Kandi igihe cose bivuze NI K'UHORAHO AGIZE ku bintu cosec'ugukira indwara, vyashitse ukwo nyene. Nimba na kimwe kitagenze ukwo nyene, kimbwire.Nzoca nja kwumviriza iyo bande kugira ndabimenye. Ntiyigeze bihusha, muri iyimyaka cumi n'ibiri miremire, nako, cumi n'ine. Ntivyigeze binanirwa, kubera ntibishoboraguhusha. Ico kimenyetso catanzwe n'Imana. Ntigishobora guhusha.

Kandi imbere yuko Imana itanga ikimenyetso, itanga igikorwa, imbere yukohashobora kubaho ikimenyetso cerekana igikorwa. Imbere yuko hashobora kubahoikiranganzira co kwerekana igisagara, hategerezwa kubaho igisagara ubwa mbere, cokwerekana. Nimba mwaravyizeye n'imitima yanyu yose, muzobironka. "Isengesho ry'ukwizerarizokiza abarwaye, kandi Imana izobavyura."

69 Rero na jewe narishimikije cane ikiranganzira, jewe ubwanje. "Mwami, nyerekaibi mbere yuko mbasengera, kuko ntazi ico nshobora gukora." Mbega ukuntu ivyo vyariububisha! Ndasaba ikoraniro rimbabarire. Amakoraniro y'isi, ariko yumviriza iyibande, nimumbabarire. Nari narihenze. Sinari nkwiye na mba kubikora gurtyo. Ubwambere bwobwo ivyo si vyo vyari igikorwa cayo. Ico cari ikimenyetso cerekana igikorwa.Nari nkwiye gusengera abarwaye, ahantu hose.

Noneho, raba, vyongeye kugaruka mu minwe y'abantu, nimba mwizera yuko Imanayategetse ko ibi bikorwa. Ng'ibi hano mw'Ijambo, birahuye neza n'Ijambo, icogikorwa. Kandi mvuze…

70 Hano ncapishije ukuboko kwanje, ubwato, umunywamazi. Irini isezerano Imana yagiraniye n'abantu. Yaragiraniye isezerano n'abantu, yukoItosubiriye guhonya isi ikoresheje amazi. Yaragiraniye isezerano n'umwe wese muntumwa zayo. Yaragiraniye isezerano n'umuvugishwa.

Kandi hariyahakurya, hashize imyaka cumi n'itanu, cumi nine, cumi n'itanu, muri 1937. Ku wa7 Rusama 1937, nibaza ko hari aho. Aho, Imana yaragiraniye isezerano nanje, Ivugaiti: "Wavukiye kuri iyi si, kugira ngo usengere abarwaye. Niwashobora kubashikanaku kukwizera…" Umutima wanje wamye na ntaryo uri ku bantu. "Abo bantu niwabashikanaku kukwizera, hanyuma ugashimika mu mutima mu gihe usenga, nta kintu na kimwe kizohagararaimbere y'isengesho ryawe."

Ibindabivuze mbikuye ku mutima kandi nteterewe mu maso. Nimba hari umuntu yari akwiyekugira ukwizera, yari jewe. Kubona ivyo Yakoze, aho Yankuye, umwobo nakuwemwo!Kubona, ivyo Yakoze mbuzima! Murabona, iyo mpagaze nkagira ico mvuga, Imana izocaiza hafi hanyuma igishigikire, ukuri.

71 Mu myakayashize, igihe nababwira ko hari Umumarayika yanjeko mu bushori bw'igiti. Igihenari mfise imyaka itatu gusa, Umuco, umuyaga uhuhuta mu bushori bw'igiti, Arambwirango: "Ntuzokwigere unywa itabi, ngo unywe, canke ikindi kintu cose," yukohariho igikorwa nokoze ngeze mu bigero. Mwari mufise uburenganzira bwo kugiraamazinda. Nta burenganzira mwari mufise, ariko mwari mushobora kubigirakoamazinda.

Hano hepfo kuruzi, igihe Yamanuka Ikavyemeza ubwayo ko ari ivyo. Hariya ruguru aho twariduhagaze, benshi mu bicaye hano muri iki gitondo bari bahagaze aho, ari ho bari.Benshi murabizi ko ari ukuri.

Benshimuribuka noneho igihe ico gikorwa catangwa. Na Yo yavuze iti: "Genda, kandi ikigikorwa c'ibango kizoshika kw'isi yose, hazoca hatangura umuvyuro." Kandi uhereyeubwo harabayeho umuvyuro

utari bwigere ubaho. Kandi uwo muvyuro uracabandanya,kw'isi yose, ibikorane bihambaye vyo ku mugaragaro vyo gukiza indwara kw'isiyose.

72 Kandi vyahereye ku muntu nka jewe, akabeba gatoya. Simvuze ibi, si gusuzugura mawe yicayeharya, canke dawe wanje yamaze kwigira, uwo ubutumwa bw'umuhango wo gushingura bwavugiwekw'iki gicaniro. Narerewe mu muryango uteye ubwoba. Murabizi. Nta n'umwe muritwebwe yari Umukristo. Dawe yaranywa inzoga. Imana yahitanye umuhungu w'imborerwa,hanyuma Inyogesha Amaraso yayo. Igihe naba manutse mu gisagara nkagira uwo mvugisha,mvugishije umuntu kanaka, yavugana nanje gusa kubera ata wundi wo kuvugishayaba ahari. Harashobora kuza umuntu, akavugisha umuntu wese, uwaba aje wese, bacabanyinuba kuko nari umuhungu w'imborerwa. Kandi benshi muri mwebwe bantu ba hanomw'ishengero ryanje bwite murazi ko ari ukuri. Nari mfise izina nk'ahontigeze…nako nk'igikoko canke ikindi kintu. Mbere igihe kimwe vyaravuzwe mugisagara, bibwirwa muntu yari aje iwacu, ngo: "Aho rero urifatanya n'umwandank'uwo koko?" Ôo! Ariko, Mana, ni igiki nabaye ngombwa kujana atari Amarasoya Yesu Kristo. Nta mashure mfise. Nta gihagararo mfise. Nta na kimwe mfise.

73 Nabwiyeumugore wanje, si kera, nti: "Niwiyumvire ingene vyari bimeze igihe ata muntu yamvugisha. Kandi ndakundaabantu. Ntibari kunyumviriza." Ndibuka ndiko nsoma igitabu kimwe, ngiye kw'ishure…

Ejo bundinararungitse abana banje kw'ishure. Kandi narashoboye kubaronderera ibitabu n'ibindi.Kandi mbega ukuntu nashimye! Naja kw'ishure, ata birato nambaye, umushatsiurekera gushika mw'izosi; ata mpuzu ngira; naba nambaye urukoti rushaje, atashati nayambaranye. Nta nubwo nari mfise ikaramu, canke urupapuro rwo kwandikako.Vyasaba ko ntira ikaramu, ikaramu hamwe n'urupapuro, kugira ngo nandike ibibazobimwe vyaba biri ku kibaho, canke ikindi kintu. Nta kintu na kimwe nagira. Vyari bibi…

74 Kandindibuka ndiko nsoma mu gitabu kimwe, umunsi umwe, aho Abraham Lincoln yururutseu—ubwato hiyo epfo, ndizera ko ari muri New Orleans. Abona abana batob'Abanegro bahagaze mu kirundo c'umwanda n'uturenge twabo dutoya, aho inkaishaje yari yaraye ijoro ryose, igakura ubukonje hasi. Kandi yari…Bari bahagazeaho baririmba bati: "Urafise ibirato, nanje ndafise ibirato inkwet, kandiabana b'Imana bose barafise ibirato."

Yururutseubwato, aritegereza. Mu ruhongore hari hahagaze umugabo munini w'umwirabureafise amagara meza. Umugore wiwe muto yari afise uruhinja mu ntoke, rurikorurarira. Bariko baramudandaza, kugira ngo bamurondokereze ku bagore banini,kugira ngo baronke abaja banini-banini.

Lincoln acaagira amaboko yiwe gurtya, agongamishaingumu hamwe, avuga ati: "Ivyo bintu si vyo." Avuga ati: "Umunsi umwe nzobikubita,bize bishake bimpitane." Vyaramuhitanye. Ariko yarabikubise, kandiyarabigaritse.

75 Navuze nti:"Uku kunywa inzoga, uku kubaho bubi, si vyo. Umunsi umwe nzobikubita." Ni gute naringiye kubikubita, hamwe n'izina nk'iryo nari mfise? Nta muntu n'umwe yamvugisha.Ni co gituma nabajije ku gikorwa canje. Nta muntu n'umwe yanyitaho. Nta wariahari, nta hantu na hamwe; hano gusa mu b'iwacu.

Ku bw'ubuntubw'Imana, ntegerezwa kuva muhira iwanje; sinshobora no kuhaguma, kubera abantu bokw'isi yose, baguma bahamagara. Abantu b'ubwoko bwose, abahambaye, ibikomangoma,abami, abantu bakomeye, abadandaza, abakozi b'Imana, ku mpande zose z'isi, barahamagara;bagahamagara, bagahamagara, bagahamagara, umurango ku wundi, ijoro ku rindi. Ni igiki cabikoze? Amaraso ya Yesu Kristo ari mumushaha wanje. Nk'uko amaraso ya Abraham Lincoln yakuye umugozi w'ubuja kumwirabure; Amaraso ya Yesu Kristo yarankuyeho ingoyi z'icaha. Hanyuma Ankura kw'izinaryari musi y'izina ry'igikoko, ampa izina nk'umwana w'ubuntu bwiwe.

76 Nditeguriye kuja kuri Yorodani, muri iki gitondo. Nditeguriye guhagarara kugikorwa canje. Nahoze nkunda abantu. Narabakoreye igikorwa. Yaranzako, iyerekwaku rindi, simfise umwanya wo kubivuga, kandi murabizi. Vyanditswe hano, kumigongo y'ibi bitabu, hagira hati: "Uriko urakorera igikorwa abantu cane.Kugendana nanje, uzogenda uri wenyene. Uriko urashimikira cane kuri ivyobimenyetso."

Sinari nzi ivyari bisigaye ivyari vyo, ariko igihe kirageze. Igihe kirageze, ahomboneye ca Kiganza kimanuka kuri Yosuwa, kiti: "Nabanye na Mose. Nzobana nawe."Ndavyizeye, muri iki gitondo. Kuva ubu, no kw'uyu munsi, nzokorera Imana mu gikorwacanje. Nimba Ishaka kunyereka ibimenyetso, canke Igashaka kunyereka iyerekwa, Irashoborakubinyereka. Nitabikora; sinzongera guhagarara imbere y'abantu, ngo ngeragezakureka ukwizera kwabo gukwege ikintu kanaka muri jewe. Nzosengera abarwaye ndabaragizeImana, ndabareke bagende. Nibizera igikorwa, Imana ni iy'ukuri. Yanshikanyehano hose, nk'uko yabikoreye Mose. Nk'uko yabikoreye Yosuwa, ni ko vyagenze.

77 Isengesho ryanje riciye bugufi ni iri: "Mana, mbabarira. Reka mpaguruke nongerengerageze. Mfasha, Mwami. Reka nyobore aba bantu, mbashire mw'Ijambo, kugirango dushobore kuduga kuri Yorodani, twinjire mu Gihugu c'isezerano, aho ryaShengero rihambaye ry'Imana ryacunguwe rizokizwa icaha burundu." Ico ni co cipfuzocanje muri iki gitondo. Nimuvyizere, hanyuma mubeho. Nimuvyizere, maze

mukire.Ndababwiye mw'Izina ry'Umwami.

Rekadusenge.

78 Mwami Mana, Muremyi w'Ijuru n'isi, Muhanyi w'Ubugingo Budashira, kandi Uwutangaingabire yose nziza, reka imbabazi zawe n'ubuntu bwawe bibe ku musavyi wawe, ubwambere, Mwami. Narakoze nabi mu maso yawe, nkoresha nabi ikintu cari ica Kimana,kubera abantu babikwega kuri jewe, Mwami. Ndagusavye, Ô Mwami Mana, guhera kuriiyi saha, undagize, Mwami, Mpwemu wawe. Ndizera n'umutima wanje wose. Nufashe ukutizerakwanje.

Kandi igihe abagabo n'abagore bazoba baje gusengerwa, ivyo nzobikora igihe coseUzoba ukimapye impwemu z'ubuzima. Reka noneho bizere, mu gihe basengerwa, Data.Reka iki gikorwa wampaye, nshobore kukijana kw'isi yose. Kandi ninashika ahantukanaka ikiranganzira kimanikishije imisumari, reka bamenye gusa ko ivyo vyerekanaiki gikorwa. Reka bagire ukwizera.

79 Mwami, sinzongera kurindira u—ubwoko kanaka bw'ikimenyetso canke ikindi kintu,ngo kimbwire ibintu bimwe na bimwe, canke ngo nimba uyu muntu azokira. Nzoja guhura n'umwansi, hamwe n'ukwizera mfise mumutima wanje. Nzoja kumuhinyuza, ndamurwanishe Amaraso ya Yesu Kristo, kuko hamwen'ayo Maraso ya Kristo, ntashobora guhagarara.

Rero, nimba ibi bintu vyose vyabaye ukuri, na vyo bikaba vyaremejwe ko ariukuri, ni ko Uzokiza abarwaye igihe nzoba ndabasengeye, Mwami. NiIjambo ryawe. Ni isezerano ryawe. Ibi ni vyo nipfuza gukora. Nufashe ukutizera kwanje.

Mparira ivyahavyanje, Mwami, kutakwumvira. Sinari nzi ikindi co gukora. Jewe, nimbanarabikoze, Mwami, sinari nabihishuriwe ngo ndabitomokerwe. Ubu rero ng'ibi. Ndaziaho mpagaze. Ndazi igikorwa nshinzwe. Kandi sinzokwigera ndeka ngo iri Jambo rimvemu kanwa, ku murango canke mw'ijoro. Nahoze ndarihagararira, Mwami, nararihagarariyei, ndaribwira abantu. Ivyo, nimba atari Ijambo ry'Imana, ndabikekeranyako.Ariko sinokwigisha canke ngo nkore ikintu na kimwe kiretse ari Ijambo ry'Imana.

80 Ariko Mwami,ndarushe, nguma nkandagira aha nyene gusa. Nk'uko nabivuze mw'ijoro ryakeye:"Imyaka mirongo ine mu bugaragwa, bazunguruka, ngorera bazunguruka." Imihezagiroy'Imana, yego, kworora intama no kurera abana, n'ibindi vyose, imikuku n'ubusho,n'ibindi vyose. Mana, warabahezagiye. Ariko umunsi umwe Wavuze uti: "Mwabayekuri uyu musozi igihe kirekire gihagije. Ôo, nimuduge mugana mu buraruko, mwerekezekuri Yorodani."

Mana,ndatanguye, muri iki gitondo. Ndavuye kur'ibi vyapa, kubera ko vyerekeza ku Gihuguciza cane. Nshobora gutsitara. Nshobora guca mu Bamaleki. Nshobora guca muBaheti, ngaca mu Banyakanani. Nshobora gutegerezwa guca mu kwinegura jewe nyene.Mwami, nzakomeza gusa mbandanye. Ndazi ko hari Igihugu kimwe Hakurya, ahantu kanaka.Hariho ahantu kanaka, ibihe bimwe, ahantu dushobora kugera, aho Uzokwishuraamasengesho, ku buryo ivyo tuzosaba vyose tuzobihabwa; na kansere ntizohagararaimbere y'iryo sengesho. Ndazi ko ari ukuri. Nuko ndizeye, kandi ndarindiriye,Mwami mu gihe ndakwiragije, muri iki gitondo, kubw'igikorwa cawe, mw'Izina ryaYesu Kristo. Amen.

81 Izeregusa, izere gusa,

Vyosebirashoboka,

Izeregusa, izere gusa,

Vyosebirashoboka.

[Agace katavuga kuri bande—Umw.] Ubu rero, amajwi yahagaritse gufatwa, kubera koibi bizoja kw'isi yose. Ivyo bivuye ku mutima wanje. Murashobora gutahura, gashengero?

Imana ntishobora na rimwe kuvuga ikintu na kimwe hanyuma ngo igihebe. Amajamboyayo ntananirwa. Amasezerano yayo ni ay'ukuri. Iki gihe cose, nari ndindiriyeiyi saha. Murabona? "Ni isengesho ryo kwizera rikiza abarwaye," siikimenyetso. [Agace katavuga kuri bande—Umw.] Yesu yavuze ati: "Nimbaushobora kwizera, ndabishoboye. Ndabishoboye, nimba wizera." Rero nimba Imanayarampaye ubushobozi bwo kubasengera isengesho ry'ukwizera, hanyuma Ikaba Yarabisezeranyekandi Ikemeza ko ari ukuri, none ubu murizera? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen."]Ico nsaba, ndagihabwa, nimba muvyizera. "Niwashobora gushikana abantu kwizera,kandi ugashimika mu mutima igihe usenga, nta kintu na kimwe kizohagarara imberey'isengesho ryawe."

82 Mwene Data, Mushikanje, nimba hari igihe nigeze nshaka kuba uwushimitse mumutima, ni ubu, amakosa yanje yose amaze kuja ahabona. Ico nshaka…Impamvunazanye ubu Butumwa bw'ibanze, ni Imana yerekana ng'aho ko Ifise imbabazi. Moseyarakoze amakosa yiwe, umuntu ahambaye nka we. Yosuwa amaze guhaguruka, na weyari agiye gukora ayiwe. Ariko Imana yamubwiye iti: "Nk'uko nabanye naMose, ni ko nzobana nawe."

Noneho nimurabe Imana, hashize imyaka ibiri, yanyeretse ivyo Ivyanditswe. "Nk'ukonabanye na Mose, ni ko nzobana nawe. Sinzoraba amakosa yawe." Yari izi ko iki gihecari hafi. Noneho hano, murabona, vyongeye kugaruka, kubera ko Imana idashoborana mba kubiheba.

"Ukwizera ni kwo kwabakijije." Ivyo ni bangahe babizi? Si benshi, naho bobaabantu bangahe beza babasengera, naho boba abavugabutumwa beza bababwiraubutumwa, utegerezwa kugira kwizera kwawe ku giti cawe kugira ngo ukizwe. Mbegaivyo ni ukuri? Ni ukwawe bwite. Sinitayeho ngo ni ivugabutumwa ryiza ringanagute wumva, igitigiri c'amashengero meza urimwo, ukwizera kwawe bwite ni kwo kukurokora.Ingene usemerera cane, ingene usaba, ingene uvuza induru nyinshi, uko utambiramuri Mpwemu; ukizwa n'ukwizera kwawe kwonyene. Mbega ni ukuri? Ubwo ni bwo buryobwonyene ukiramwo indwara.

83 Iyo Imana ihaye umuntu ubutumwa, umuvugabutumwa; umuvugabutumwa yigisha agakizakandi atanga ubutumwa, ukabona ubwo butumwa ari Ukuri, Imana ikabwemeza n'Ijamboryayo, yuko ari Ukuri. None ni kangahe mukwiye kwizera ingabire yo gukizaindwara, mu gihe yemejwe n'Ijambo hamwe n'Umumalayika. Hamwe n'ibimenyetsobibiri vyerekanye ukutananirwa kwavyo vyompi, ni kangahe mwategerezwa kwizera! Murabona?Kandi igihe cose…

Kugira ngo vyerekane ko butari rwose ubugombe butunganye bw'Imana bwo gukora ivyo,ico kimenyetso camye nta ntaryo kintera intege nke. Ni bangahe babizi? Bazaumugore wanje yaciye hariya inyuma, arashobora kubabwira. Uwo ni we ahangayikakurusha abandi bose; biba ngombwa ko avyihanganira. Ntunamenya n'iyo uri, n'ahouriko uragendera, hamwe n'ibi na biriya. Ntavyo umenya gusa, uramanukamw'ibarabara gato, hanyuma ugahagarara.

84 Noneho, mvuye muri ibi bikorane vya biheruka. Narafata abo bantu bari mu murongo.Ubwa mbere, twaragira amajoro abiri, atatu, tutatanze amakarata y'amasengesho. Hanyumaugaca ubona isinzi rinini, bikaba ngombwa dutanga amakarata y'amasengesho. Rimwena rimwe narahagarara, hakarengana abantu mirongo itanu canke mirongo irindwina batanu. Kumbure nkagira ubushishozi mirongo ine canke mirongo itanu, icarimwe,muri buri joro. Mbega ni vyo ga Gene, Leo, na mwebwe muri hano hafi, mw'ikigikorane? Koko ni ukuri! None vyakora iki? Igihe vyaba bimvuyeko, ntanguyengenda muhira, naca nibagira aho naba ndi; ngashaka kumenya aho naba mvuye, kw'ibarabara.

Hanyuma mushaka kumbwira kw'Imana ari yo ikorera umuntu ivyo? Oyaye, mushingantahe.Yari umuntu yaba ariko aravyikorera wenyene, afata icapa aho kuba igikorwa.Nahagaze musi y'igiti gito gishaje hariya, ku ruhande rw'ibarabara, ahantu kanakai Washington, canke ahandi hantu amaja hariya. Navuze nti: "Mwami, nimba wondekankanyiganza kugira ngo nongenre gutora ubwenge neza, umfashe kumenya ukuri ukwoari kwo, kugira ngo nshobore kubitumbereza rimwe hamwe n'abantu, kandintumbereze igikorwa."

85 Ubu nabironse. Nari nicaye hano ku musozi wo muri Kentucky, ejo bundi, nko ku mutagamu gitondo, Yarabimpishuriye. Kandi n'ibi; ni ibi. Rero ngiye kubijako mw'Izinary'Umwami Yesu. Uh-huh.

Uvyizeye, urabaho. Uvyizeye, urakira. Nta n'umwe nshobora gutuma avyizera. Utegerezwakuvyizera, wewe ubwawe. Ariko nababwiye Ukuri. Imana yarabishingiye intahe koari Ukuri, kubw'Ijambo ryayo, n'Umumarayika wayo, biciye ku bimenyetson'utwumiza, mu myaka cumi n'ibiri iheze. Nimba batagiye kuvyizera ubu, ntibazokwigerabavyizera. Mbega ni ukuri? Ariko igihe kirageze, iyo ndambiwe no kuguma kuriuyu musozi. Nshaka kuduga kuri Yorodani. Nshaka kwinjira mu kunengeserakw'amasezerano. Nshaka kugira ukwizera muri jewe, atari guhanga amasoikimenyetso, atari kuraba ikintu kanaka Imana irinze guhishura, canke ubwoko kanakabw'icapa. Nshaka guhanga amaso i Gologota, mvuga nti: "Kubwo kwizera ndaje,Mwami Mana. Ndaje mw'Izina ry'Umwami Yesu."

86 Rero hano hariho bamwe bo gusengera muri iki gitondo. Ndaje guhura n'indwaran'imibabaro y'imibiri yanyu, mw'Izina rya Yesu Kristo. Ivyo nzobikora gushikaImana inyambuye ubuzima. Neza cane. Igihe cose izompa ubwenge n'ugutahura, nzozagusenga. Ntunanirwe mu vyo mwizeye, yuko igihe ndabasengeye, muzokira. Ivyonimubirangize. Nimba mutavyizera, aho rero no kuza ntimuze, kubera ko muzokwibabazagusa.

Ubu birikuri bande, kandi iri hano. Kuva ubu, sinzosubira kugira ugutahura ivyihishijegushika Imana impaye i…imbwiye gukora ikintu kanaka. Ivuze iti: "Genda, ubwirauyu muntu ikintu kanaka," aho rero nzoja kubibabwira. Yoshobora kuvuga iti:"Kora ikintu kanaka," nzoca nja kugikora.

Ariko ku bijanyeno guhagarara aho, nkavuga ngo: "Noneho nimundabe. Wizere n'umutima wawe wose. Egome.Ibi, ni ibi n'ibi. Uri John Doe, uvaaha n'aha. Wari urwaye kansere, igihekirekire. Muganga naka yakubwiye ko utazokira.Waragiye ukora ikintu kanaka. Ubu rero niwisubirire inyuma, utunganye ibi. Hanyuma ukore ibi, imbere yuko ukira. Neza cane. Mwene Data Doe, ubu komeza, uvyizere.Ubu, wewe uri Mushiki wacu naka.Ukomoka aha n'aha. Wakomotse aha n'aha." Ng'aho nca ninjira mu muyaga,simenye n'ico gukora. Kandi ica mbere, murazi, uwundi aba yashitse. Nkaraba,nkabona uwo ndiko ndaraba. Hanyuma mvuye mu gikorane, ngaca ntangura ngo: "Ndi hehe?"Ivyo ntibigisubira.

87 Ndajemw'Izina ry'Umwami Yesu, nk'umusavyi wiwe. Nimba Imana itabibemeje mw'iki gihe,yuko nababwiye Ukuri, aho ntimuzokwigera mwizera ko nababwiye Ukuri. Amen. Nivyo. Ni ukuri. Ni bangahe bashaka gusengerwa? Nimukirize amaboko yanyu. Nezacane.

Ubu nshakaTeddy. Teddy aracari mw'iyi nyubako? [Mwene Data umwe avuze ati: "Oya. Ategerezwakugenda." —Umw.] Yategerezwa kugenda. Ni nde ari umuvuzi w'ikinanga hano, ashoborakumvugiriza ya ndirimbo, Izere Gusa,nimba urayimvugiriza? Nimba hari umuntu ari hano ashobora kuvuza. Wayibonye? Canke,urafise ibande, har'aho uyifise? Nimba hari umuntu ari hano ashaka kutuvugiriza,Izere Gusa, umuvuzi w'ikinanda, ngwinoubutarariye. Umugabo canke umugore, ntaco bitwaye, twonezerwa tukuronse. Nezacane. Noneho mu gihe uyivuza buhoro, nimba ubikora, Mushiki wacu, mukundwa.

88 Aka kanya namakarata y'amasengesho ntitugiye gutanga. Iyo turi mu gikorane gitoya nk'iki, ntayodukenera. Iyo turi mu bikorane binini-binini, tuzokomeza gutanga amakarata y'amasengesho,nimba mba ngiye gusengera nk'amajana atanu. Na we ari wewe wotegerezwa kuyagira,kuko uba ufise benshi cane bari…baba bari mw'isinzi rinini, murabona.

Ni bangahebizera ko ubu ari ubugombe bw'Imana? Ôo, hariho Ikintu kintera kwumva ko nakozeneza. Ikintu gituma…Biramvuye ku gikiriza. Vyari bihamaze imyaka cumi n'ibiri, nziyuko hoba hariho ikintu kitagenda neza, Mwene Data Lee. None ubu ndabizi ko cavuyeho.Nabivuze; vyafashwe amajwi. Kandi ubu vyavuye mu gikiriza canje.

89 Mwibuke,ushobora gukizwa n'ukwizera kwawe gusa. Urashobora gukizwa indwara n'ukwizerakwawe gusa. Murizera ko iyi ari Bibiliya? Ijambo ry'Imana. Murizera koumwungere wanyu ari umuntu w'Imana, ishengero ryose mujamwo? Nimba atar'ukomubibona, mwategerezwa kurivamwo. Nimugende ku muntu ari umuntu w'Imana. Nonehonimba mumwizera, izere ko ababwira Ukuri, hanyuma mukwizere. Ukwizera kwawebwite muri Kristo ni kwo kugukiza. Nubwo umwungere wawe yoba ari mwiza gute; kangahemama wawe yubaha Imana, akaba umweranda; u—ukuntu Ijambo ry'Imana ari ukuri;kangahe usemerera; kangahe usenga. Ukwizera kwawe ni kwo kugukiza. Ukwizera nikwo kwabakijije.

Rero icokintu nyene kirakurikizwa. Nubwo… Ijambo ry'Imana rivuga ko Yorungitse ibi muminsi y'iherezo. Ubutumwa bubiri butumbereye aka kanya, navugiye hamweIsirayeli isanzwe na Isirayeli yo muri mpwemu. Turindiriye Yosuwa w'uyu munsi,na we akaba ari Mpwemu Yera, kugira ngo aturongore muri Ca Gihugu. Ategerezwakuvugira mu muntu kanaka, kubera ari Mpwemu. Narababwiye ivyo yambwiye. Rerowizeye, urakira.

90 Noneho rekaibi, bino ku ruhande rw'umurongo. Doc,manuka hariya. Billy Paul, Billy ari he? Duga hano gufasha Doc, nimba ubigomba.

Rero umuntu wese muri mwebwe aza guca muri uyu murongo w'amasengesho, mwibuke,birabagarukako, nimutizera n'imitima yanyu yose. Ni Ukuri; mutegerezwa kuvyizera.Rero mwibuke, ni mwebwe murwaye. Imana yarabivuze muri Bibiliya yayo. Imana ibirungikanaintwarabutumwa yayo. Imana yaravyemeje biciye ku Mumarayika wayo. Reromutegerezwa kuvyizera.

None rero, kuri mwebwe mushaka gusengerwa, ng'ibi ivyo Bibiliya yavuze: "Nimwarambikaibiganza ku barwaye, bazokira." Kandi ukwo ni Ukuri. Kandi ivyo dushaka kuvyizera,n'imitima yacu yose, aka kanya, hanyuma Imana irabaha ugukira kwanyu.

91 Rero nimuzanane hano gurtya, muce hano, hanyuma musubire inyuma muciye harya. Ururuhande murureke, muzanane uru rundi ruhande. Muzanane aha nyene. Reka abo mw'ururuhande bahagarare ku ruhande rw'i buryo, hejuru hano. Uvuze ngo? [Umuntu umwe avugishije Mwene Data Branham—Umw.]Ngira manuke hano hasi. Ego mushingantahe. Aha nyene hepfo, kugira ngo ndabasengere.

Rero, aya makete n'imishwaro, nabisengeye. Benshi muri mwebwe, bamwe muri mwebwe,birashoboka, bategerezwa kugenda. Ntimwibagire uyu mugoroba w'uno munsi, igikoranekiza kuvurwamwo Icemezo, Icemezo CaKimana Ca rya Shengero ry'Ukuri. Murabona?

92 Rero, kuri mwebwe mugiye…mugiye gusengerwa, murizera mu buryo ntabanduka ko muzokira?Nimba atari uko, ntimuze. Nimba ari uko, ni ahanyu kuza.

None rero, jewe si ndi uwukiza, ariko mfise ingabire y'ugukiza indwara. Ivyo vyarashingiweintahe. Vyaragaragaye ko ari ukuri. Murabona? Nsubiye inyuma, kera cane,ndibuka, narakunda kuja mu bitaro hano nkiri umuvugabutumwa w'Umubatiste wahohano, mu karere. Naraja mu bitaro. Hakunda kuba hariho umuforoma w'umutamakazi.Yaba iy'epfo muri Howard Park. Sinzi nimba ari ho akiri kuri ivyo bitaro, cankeatari ho akiri. Yakunda kubwira umurwayi ngo: "Noneho ugiye gukira. Na noneugiye gukira." Akavuga ati: "Wa muvugabutumwa muto w'Umubatiste arajekugusengera." Murabona? Vyari gusa…Yari intango. Yari yo. Ukwo ni ko vyaribimeze. Rero vyari bigiye gukwiragira, uhereye hano, bigakwira kw'isi yose.

93 None Yampaye ibi bimenyetso, kugira ngo vyuzuze amashure yanje. Nk'ubu iyo nzakuba mfise amashure nkamwe y'aba bakozi b'Imana, nk'akarorero, kumbure nk'ayaMwene Data Neville canke Dogiteri Vayle, bamwe muri abo, si—sinotegerejwekugira ibi. Ariko ntegerezwa kubigira, gukora ibi, bishigikire ivyo ntaronkeye munzira y'amashure. Nabwirijwe kugira ibimenyetso. Kandi nk'uko…Ibimenyetso vyagaragayeneza nk'uko amashure yobaye yarakoze. Ariko, murabona, nimba udafise indangabumenyi,Imana irashobora kuyiguha mu bundi buryo.

Rero mugire ukwizera hanyuma mukire. None rero nshaka umwe wese muri mwebweasezeranire Imana, aho muhagaze. Kubera ko, nutabikora, ntibizogufasha. Nshaka umwewese muri mwebwe ashire ku ruhande igitutu cose co gukekeranya. Hanyuma muje mumurongo, nkabasengera, nshaka ko muca musohoka hano. Ushobora kutabona n'agace nakamwe k'inyishu. Ariko aho, Yesu ntiyigeze avuga ngo: “Wabibonye? Wavyiyumvisemwo?”Yavuze ati: “Wavyizeye? Wavyizeye? Nimba wizera.”

94 Ubu rero, ibi nagumye ndabivuga kuva kera. Ndasengera abantu. Bamwe muri bo ntiyobikora;Yaakoresha ubwo bushishozi; bagaca bagenda baravuga ngo: “Huh! Nta na kimwenaronse. Nta na kimwe yigeze ambwira.” Uwo muntu mu bisanzwe nta na kimweanaronka.

Ariko bamwe muri bo baza mu murongo bavuga bati: “Urakoze Mwami. Ndavyizera.”Ni bo numvise bavuga bati: “Urazi, Mwene Data Branham, sinigeze numva igihindukamu minsi irari mike,” kumbure amayinga abiri canke atatu, canke ayarenga.“Ariko, giturumbuka, nca ntangura kwumva ca kintu camvuyeko. Murabona? Ahovyaba vyagiye.” Murabona? Murabona? Murabona?

Ushobora kuvuga ko wizera. Hariho imice itatu y'abantu bitabira igikorane, nabo ni: abatizera, abigira abizera, n'abizera. Bamwe muri bo bigira nk'ahobizera: “Ôo, ego, ndizera,” ariko ntibizera. Niba uvyizera…

Nshaka ndababaze iki kibazo ubu nyene. Nimbauvyizeye, ntibishoboka ko udakira. Nimwumve. Reka ndabisubiremwo. Ntibishobokarwose ko udakira, nimba uvyizeye.

95 Ubwa mbere, Ijambo ry'Imana buto-… ryaratanze igikorwa. Ivyo muravyizera?Ijambo ry'Imana ryarabivuze, ubwa mbere. Ivyo biri hejuru ya vyose. Ubugirakabiri, Umumarayika w'Uhoraho yaravyemeje, ibimenyetso vyaravyemeje. Mbega niukuri? None rero, nta na rimwe vyananiwe, nta na hamwe.

Nta kunanirwa na kumwe mw'Ijambo ry'Imana, aho ryoba ryavuze riti: “Narigezekubaha ugukira indwara, ariko ubu ndakubatse.” Nshaka ko hagira uwunyereka ivyo.Ndabereka aho Yesu yashinze Ishengero ryiwe gusengera abarwaye, kandi koisengesho ry'ukwizera rizokiza uwurwaye. Noneho nimumbwire aho Yavuze kobitazongera kubaho. Binyereke muri Bibiliya. Murabona?

Yavuze mu minsi y'iherezo ko Yokoze ibi bintu kanaka, agahagurutsa ibi bintu. Nimurabeivyashitse. Yarubahirije Ijambo ryiwe. Nababwiye ko Yampaye igikorwa, ubu isiirabizi. Siyanse irabizi. Umumarayika w'Uhoraho yaravyemeje. Kandi ivyavuyemwovyagaragaje ko ari ukuri.

96 Turimw'isi irwaye. Hariho benshi bo gusengera. Nariyumviriye nti: “Mu vy'ukurihariho ubundi buryo, haruhande y'ibi.”

Igihe kimwe Mwene Data Moore yambwiye…Hariho umukobwa muto w'umugorwa yinyiyemu nyubako acumbagira, yari amugaye. Uwo mukobwa w'umugorwa, yagerageza kudugango anshikire aho nari ndi. Ndaraba hasi. Uwo mwana atangura kurira. Gusa,ntibari bashoboye kumuzana ku murongo. Ntiyari afise ikarata y'amasengesho. Yamarantitwamenya ko iryo ryari ryo joro rya nyuma ry'uwo mwana. Mwene Data Moore hamwena bo baca baramufasha kuva mu murongo.

Bukeye,twaricaye turabiganirako. Yavuze ati: “Mwene Data Branham, ivyo vyarambabaje.”

Nanjenti: “Vyarakubabaje? Nanje wibaza ko vyangendeye guye?” Murabona?

Umukobwa muto, amugaye! Ivyo bintu ntivyamvuyemwo. Kandi ivyo hashize imyakaigera kw'icumi bibaye, umukobwa muto, amugaye muri Illinois. Umutwe muto wirabura,amaso yijimye, atambuka acumbagira, arwaye ubukangwe, agerageza kuduga aho narindi. Abajejwe kwicarika abantu bategerezwa kumufasha no kumwicarika mu ntebeyiwe. Yikuye mu ntebe yari yicayemwo, kugira ngo ashike aho. Kubera iki?Urashobora kuronka benshi cane. Iyo hagira bamwe nciramwo hanyuma na wenkamushira mu murongo ata karata y'amasengesho afise, abandi bari guhavabatsitara. Murabona? Neza. Sinari gushobora kubikora. Navuze nti: “Mu vy'ukurihariho ubundi buryo.” Iyo ico gihe nza kuba nzi ivyo nzi ubu, ibintu vyari kubaibitandukanye, koko vyari kuba ibitandukanye.

97 Uburero, umwe wese muri mwebwe, ikintu conyene kiza kubabuza gukira, ni mwebwenimutavyizera. Noneho reka twunamike imitwe yacu.

Data wo mw'Ijuru, hano hahagaze impumyi, ibimuga, abababaye, abarwaye, abaremvyekubera kansere, ibisebe, ibivyimba. Bose bahagaze hano mu murongo, Mwami.Nigishije Ijambo. Kandi imyaka cumi n'ibiri iheze, ivyo Waravyemeje kw'isiyose. Nasavye imbabazi, kandi ndazi ko ntabikoze n'ibigirankana. Nabikoze kukoniyumvira yuko nariko nkora neza. Noneho ndaje, Mwami, nje kuri Wewe, nciyebugufi.

Ndagusavye ngo Uhezagire amasengesho yanje, kugira ngo, ninasengera ababantu, umwe wese muri bo azokire. Hezagira ukwizera kwabo. Ufashe ukutizerakwacu, Mwami.

Kandi reka umwe wese kano gatondo, acakire iyerekwa vy'ukuri. Reka ntihagire nakimwe mu birigize bahusha. Ariko reka babibone, mu buryo bw'Ivyanditswe, kandibiyumvire kuri wa Mumarayika w'Uhoraho hariya inyuma mu ntango, avuga ati:“Nk'uko Mose yahawe ingabire zibiri.” None ubu, mu myaka ibiri iheze,Yamabukanye na Bibiliya akoresheje Ikiganza, nka kimwe candika ku rukuta iBabuloni; gisa n'ikiganza c'umuntu catunga urutoke muri Bibiliya kur'ikikigabane: “Nk'uko nabanye na Mose, ni ko nzobana nawe.” None Data, ng'ibi kanogatondo, vyazanye umuco. Ibi turabigushimiye Mwami. Umparire kubw'amakosayanje.

None ubu mu gihe tugiye kwinjira mu gikorane c'amasengesho, reka Ubushobozibw'Imana bukize umuntu wese arwaye aza guca mw'uyu murongo. Ngiye nk'umusavyiwawe gusa, ntarinze gusaba isigwa na rimwe ry'umwihariko, canke ikintu na kimwec'umwihariko. Ariko nzi ibi, yuko mu buzima bwanje ari co gikorwa, ngiyekugishitsa mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen.

98 Kano kanya, Mwene Data Neville, hamwe wohagarara hano. Rero hamwe n'iyingabire, singiye gukoresha amavuta y'isigwa. Murabona? Ngiye gukora ivyoYambwiye gukora gusa, nk'uko igikorwa nahawe nabwiwe ngo: “Shikana abantu kukukwizera. Ube uwushimitse mu mutima.” Muraziera? Aho nanje ndashimitse mumutima. Ikintu kanaka gitegerezwa gushika.

Mwene Data Neville agiye kurongora indirimbo. Muze gusenga mu gacerere, mu gihenzoba ndiko ndasengera abarwaye.

99 MwamiYesu, ndarambitse ibiganza kur'uyu mugore afise aya mabuye mu mafyigo.Ndayakankamiye mw'Izina rya Yesu Kristo. Nibimuvemwo maze akire.

Vyagenzegute? Ingorane yawe?

Mwami,ndarambitse ibiganza vyanje kuri Mwene Data, iyi ndwara y'inzira nyoboroy'umwanda muto. Ndakankamiye ubu bubasha bw'umurwanizi mw'Izina rya YesuKristo. Amen.

Iyingeso y'ukwipfuza…?...

Mwami,ndarambitse ibiganza kuri Mushiki wacu afise amaguru avyimvye. Ndakankamiye ukukuvyimba mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen.

Gendawizere Mushiki wacu nka kurya twavuze.

Mwami!Uyu arwaye iyi ndwara y'umutima hamwe n'izindi ndwara. Ndarambitse ibiganzakuri Mushiki wacu, kandi ibi ndabikankamiye mw'Izina rya Yesu Kristo,kubw'igikorwa canje.

Mwami,hamwe n'uru ruhumyi hamwe n'indwara y'umutima. Ivyo ndabikankamiye kubw'uyumugore, kubw'igikorwa nahawe n'Imana. Mw'Izina rya Yesu. Amen.

Bitegerezwakuba, nta bindi. Bitegerezwa kugenda neza vyose Mushiki wacu…?...Ndavyizeyen'umutima wanje wose. [Agace katavuga kuri bande—Umw.]

100 Ukwo ni ukuri. Nimba hageze ko mugenda, ni ngombwa mugende mu buryo kanaka. Ntakibazo. Ariko ubwa mbere, imbere yuko Abavugisha, nimwashimika mu mitima,ntimubikekeranyeko, muzokira. Ni ukuri koko.

Lazaro yari yarazuwe mu bapfuye. Ariko yarongeye gupfa. Gusa yari yazuwe mubapfuye kugira ngo vyerekane yuko Imana ibandanya guha abantu ivyo ibaha.Yavuze ati: “Mariya, ibi uravyezeye? Ni Jewe kuzuka n'Ubugingo. Narungitswen'Imana, kugira nzure abapfuye. Urizera ivyo?”

Nawe ati: “Ego, Mwami. Ndizera ko ari Wewe Wa Mwana w'Imana yategerezwa kuzamw'isi.”

Amubazaati: “Mwamuhamvye hehe?” Uh-huh.

Yategerezwakwongera gupfa. Ariko Yaramuzuye, kugira ngo Yerekane ko Yari We kuzukan'Ubugingo. Murabona?

Imana irakora ivyo bintu, kandin vyose bikoreka kubw'itegeko ry'Imana. Ôo,ndanezerejwe cane no kuvuga ntyo. Ibintu vyose biri mu rutonde bimwebitunganye. Hamwe mwizeye, ivyo musaba vyose murabihabwa. Bitegerezwa kuba.

101 Neza cane.

Kandikanya tubandanye gusenda, gushika turangije umurongo.

Imanaibahezagire.

Mwami Yesu, uyu Mushiki wacu araremvye cane, yanyumvise mpagaze hano nigishaaya Majambo. Reka ubu bunebwe bukeya bwo kugira amazinda bubaveko bose, Mwami. Rekabahaguruke, bave kw'uyu musozi baguma bazunguruka; bagane kuri Yorodani, Mwami.Bikore Mwami. Reka uyu Mushiki wacu ace mur'iyi nzira aka kanya, uhereye ubu,yizere yuko Imana yakijije umubiri wiwe. Mw'Izina rya Yesu. Niwibandanirizeurugendo rwawe, unezerewe.

Imanaibahezagire.

Mwami Yesu, muhe ico umutima wiwe wipfuza, kubw'umukobwa wiwe n'umuryango wiwe.Ivyo ndabisavye mw'Izina rya Yesu, abironke, mu gihe nshikanye isengesho ryanjen'ukwizera kwanje, mu kumurambikako ibiganza. Iyaba ntari ndakwizeye, sinarikuba namurambitseko ibiganza. Iyaba ntari nizeye yuko Uzobikora, sinarikumusengera. Ariko Mwami, ndizeye. Kandi na we nyene arizeye. Rero dushizeukwizera kwacu hamwe, twizera yuko tubihawe. Amen.

102 [MweneData umwe avugishije Mwene Data Branham—Umw.] Imana iguhezagire Pat.

Mwami, kubw'umukundwa wiwe ashaka ko akizwa. Yumva bigoranye. Umuganga avuga koindwara itera amaso iriko iramufata. Ashaka kubaho kubw'ubwiza bw'Imana. Bimukorere Mwami, mu gihe Nsenga iri sengesho kubw'uyu Mwene Data,ndabisengeye, mw'Izina rya Yesu. Amen.

Uhezagirwe Mwene Data. Ntukekeranye. Niwizere ubudatirigana ico wasavye.

[Mushikiwacu umwe avugishije Mwene Data Branham—Umw.] Imana iguhezagire Mushiki wacu.

Mwami,uyu mugore muto mukene ahagaze hano kubw;umuhungu wiwe, yagize isanganyary'imodoka canke ikintu nk'ico, Mwami, ico caramubabaje. Agiye kugirishauguhindurirwa urukoba. Ariko asengera umubiri wiwe n'agakiza. Asengeraabakundwa biwe. Ariko arasengera n'ikibazo ciwe co guhangayika, Mwami. Ari hafigucanganyikirwa. Mana, ndagusavye Umuhe ivyo umutima wiwe wipfuza. Mukize kandiUkize imibabaro yiwe, Umuhe kumererwa neza. Mw'Izina rya Yesu, ndamusengeye irisengesho ry'ukwizera. Amen.

Imanaiguhezagire Mushiki wacu. Genda wizere ubugombe bwayo. Imana iguhezagire.

103 Mwami,kubw'agakiza k'abakundwa biwe. Ndagusavye ngo Wishure umutwaro wiwe, mw'Izinarya Yesu. Amen.

Wizerekano kanya Mushiki wacu yuko ubihabwa, aho rero biba ari ivyawe. Nimwauvyizeye, bizotegerezwa gushika.

KubwaMwene Data wacu Ted Dudley. Amakuru yawe? Umutima wawe uhezagirwe. Wafasheindege uvuye hariya hose i Phoenix, muri Arizona. Hariya harashushe…?...

Uyumukenyezi ari hano, yari yarakize mu gikorane canje. Ava hehe? Uva i Phoenix gamukenyezi? Ntuva…Ntiwari i Phoenix, muri ca gikorane.

Urashikayuko Igukorera iki, ga Ted? [Uwo Mwene Data avuze ati: "Inkureko hasima."—Umw.]Hasima ikuveko. Imana iguhezagire!...?...

Mana mukundwa, nk'uko uyu Mwene Data yatubereye ubufasha, Mwami, no kubw'abantubaremerewe n'imitwaro, ndagusavye umufashe uyu munsi. Yafashe urugendo rwoseavuye i Phoenix muri Arizona, kugira ngo asengerwe, ngo ahagarare mu murongow'amasengesho, ngo yumve ubu Butumwa, kugira ngo bimutere integer. Mwami, bisank'aho ari ukwitanga gukomeye. Ni vyo koko.

Ariko wa mwamikazi wo mu Bumanuko, yafashe urugendo rwamutwaye amezi atatuagendera ku gitwazi, aca mu bugaragwa bwa Sahara, kugira ngo yumve bwa bwengebwa Salomo. Kandi ehe Uwuruta Salomo ari hano; Mpwemu Yera ari hano, UwurutaSalomo.

Mwami, ndagusavye Umukize uyu mubabaro w'umubiri wiwe. Umuhe ico umutima wiwewipfuza. Reka agendere mu nzira yagenewe kugenderamwo. Reka imbabazi z'Imanazimubeko. Uyu muhezagiro ndawusabiye uyu Mwene Data, mw'Izina rya Yesu Kristo,Umwami w'Imana. Amen.

Ted,niwasubira inyuma, ujane na vyo. Ni ivyawe. Ndabiguhaye. Niwigire kandiubihabwe.

104 Mwene Data George, hafi mwene muramuzi George Wright. Ni bangahe bibuka yankuru, igihe yari ku mpfiro ubushize? Ubuganga bose bari bamukuyeko ibiganza.Umubiri wiwe na wo wariko uravyimba nk'uku, amaraso yiremaremye ku mutima wiwe.Abaganga benshi bari bamwihebuje. Naragiye kumusengera. Mwene Data Funk, yarihano mu kanya; ndibaza twari kumwe, hiyo epfo ico gihe. Nari nicaye ku musozihiy'epfo, nk'aho nari ngiye guhiga.

Nshaka kubwira iri shengero kano kanya, ntegerezwa kuvuga ibintu bimwe na bimwevyabaye. Kenshi mwibaza ngo mba ndi guhiga; simba ndi guhiga. Urwo ni urwitwazorwo kubuza abantu kunkurikira.

Ntegerezwa kujayo kugira ngo mbe jenyenen'Imana. Buri gihe simba ndi guhiga, bagenzi. Ego, mba ndi guhiga, ariko atariuruhigi rw'ubwo bwoko!

Nicaye ku musozi. Namweretse ko nari ngiye guhiga inkwavu. Yaciye hirya, inyumay'inzu, maze amfata ukuboko anyerekeza ku nzu, maze turasenga twongera turasenga.Yari ku mpfiro!

MpwemuYera yambwiye ijoro rimwe, ati: “Umwe muri aba bagabo akomoka mw'ishengeroritizera ko ukwo gukiza indwara ari ukw'ukuri.”

Umukozi w'Imana umwe yaraje iwe, atari kera, agerageza kundwanya amparirza.Benshi muri mwebwe abari hano, ni ho mwari muri uwo mugoroba. Murabona, uwomugabo yari hafi guta umutwe. None ubu ariko aragerageza kundondera kugira ngo aronkeMpwemu Yera. [Mwene Data Wright avuze ati: “Ôo, na none avuga ko ari jewemugenzi pfa mpfe afise, Mwene Data.” —Umw.] Muvyibaze.

105 Umugaboyari ahagaze aho yariko araharira, avuga ngo: “Ica mbere, nshakakukubwira, uri uw'umurwanizi.”

Ndamubwiranti: “Ndakubabariye, kuko utazi ivyo uvuga.”

Acaarahindukira, avuga ati: “Ndazi ko ufise Mpwemu wa Kristo.”

Nanjenti: “None, nari 'idayimoni,' mu mwanya uheze, hanyuma ubu na ho ngo ni'Kristo'. Ni uwuhe? Murabona?” Murabona? Ubu rero, bo, hari ibintu biteyeubwoba vyabaye.

Uyumugabo yari aryamye aho, ari ku mpfiro. Uyo wundi na we amutwenga, ati:“Noneho genda urondere wa wukiza wawe wo mu buryo bwa Kimana.”

Kandi nari hiyo ruguru i Lexington, muri Kentucky, hamwe umugore umwe yakirakansere. Kandi mw'iyerekwa Umwami yanyeretse ngarutse, muri ico gitondonk'isaha zitanu. Yarabinyeretse. Yavuze ati: “Uzoramutsa ukuboko kwa Mwene DataGeorge Wright, uze azananye mw'ihema, aduge nd'aho akuramutse n'ukuboko. Hanyumawa mugabo na we yamushinyagurira, azokwiyimbira imva yiwe.” Ntavyo nari mbizi,sinari nzi ko yimba imva.

106 Nahamagaye Mushiki wacu Wright. Ategerezwa kuba ari hano ahantu kanaka. Egome. MpamagaraMushiki wacu Wright. Mvuga nti: “Ndafise NI K'UHORAHO AGIZE.” Neza. Ubwo ni bwobwoko bw'amayerekwa nshaka kubona guhera ubu. Aho mbwira umuntu ikintu kanaka,kigashika. Navuze nti: “Mwene Data George azokwimba imva y'urya mugabo, nako azobaari ku mva y'urya mugabo yamushinyaguriye. Kandi azoza mw'ihema, nanje nzomuramutsan'ukuboko.” Amaraso arundanye aca arava kuri Mwene Data George.

Nk'ukwezi kumwe canke abiri inyuma y'ivyo, nari nagarutse. Kandi buri gihe,igihe cose, aza azunguruka mw'ububuryo. Ariko muri ico gitondo, yaje gurtya.Nari mfise ikoraniro… Navuze nti: “Nimurabe, nimurabe, nimurabe! Ng'uyo araje,hano nyene, murabona, neza na neza nk'uko Yabivuze.”

Ng'uyu hano uyu munsi. Ivyo vyabaye…[Mwene Data Wright avuze ati: “Imyakaicenda.”—Umw.] Haheze imyaka icenda. [“Nari nsigaye mfise imigwi icenday'ukuvurirana kw'amaraso.”] Imigwi y'ukuvurirana kw'amaraso icenda, hashizeimyaka icenda.

107 Yamara rero, numvise Mushiki wacu Hickerson…Mwene Data Hickerson ari hano uyumunsi? Nuko ameze neza. Ni vyiza. Yari afise ukuvurirana kw'amaraso, kandi umugwiwayo wari mu kuguru.

Ubuafise indwara y'amakonyera mu kuboko.

Uwo yari umukobwa wiwe, Mushiki wacu Hattie yicaye harya, umwe natangako intahemu mwanya uheze, uwo iki gikorwa c'ibango gishasha cakoreyeko ubwa mbere. Ni vyo,Mushiki wacu Hattie. Ndibaza nimba ba bahungu bari hano muri iki gitondo? Muri kumwe?[Mushiki wacu Hattie avuze ati: “Bari inyuma.” —Umw.]

Abo bahungu bari he? Ngwabariya bompi bahagaze hariya inyuma amaja inyuma. Ng'aboba bahungu babiri nyina wabo yagiriye… Nimukirize ibiganza vyanyu bahungu, kugirango babone abo muri bo. Neza cane. Bahagaze hariya inyuma hariya. Ni vyizacane, siko ga Orville? Ni vyo rwose.

108 Neza cane.

Mwene Data George. [Mwene Data Wright avuze ati: “Uranzi, Mwene Data Bill. Ndibaza.”—Umw.]Ndazi ko wizera. Kandi ndabizi icuro nyinshi, nararaye hariya mu cumba cawe, n'ijoro,ndabira mw'idirisha, numva za nyoni za kera zivuga. Umunsi umwe tuzotegerezwakujabuka Hakurya, Mwene Data George. Kugeza ico gihe, Imana ibane natwe. Ndaziko Izobikora. “Egome, nubwo noca mu mwonga w'igitutu c'urupfu, nta co nzotinya.Uri kumwe nanje.” Iryo yerekwa, hano nta gihe kinini giheze, igihe nabona ba batamabongeye gusubira kuba imiyabaga, ukwo ni ko nzobabona namwe umunsi umwe.

Data wacu wo mw'Ijuru, nuhe Mwene Data wacu ico umutima wiwe wipfuza. Mukize ayomakonyera. Arashaje, Data. Ndagusavye ngo Umufashe. Fasha Mushiki wacu Wright,Edith muto, n'umuryango wose uri hiyo epfo. Mushiki wacu Hattie, abana biwe, abakundwababo bose, bana na bo, Data. Niwishure iyi mitwaro, nk'uko ndabisavye mw'Izinarya Yesu. Amen.

[MweneData Wright avuze ati: “Ngiye gukwiza imyaka mirongo irindwi n'icenda.” —Umw.]Mirongo irindwi n'icenda. Imana iguhezagire, Mwene Data Wright, ikwongere iyindiminsi myinshi. Umwami ahimbazwe.

109 Mwene Data Daulton. bagenzi, bagenzi! Ng'uyu Mwene Data yangiriye akamaro kuri.Hinge ndababwire uko vyagenze. Nta mwanya mfise wo kubivuga mw'ido n'ido.Umugore wiwe arabizi. Yavuze ngo: “Yariko arapfa.” Mbega yari indwaray'umutima, ga Mushiki wacu? Kandi imbere y'aho, Umwami yari yaramuhaye inzozi,insobanuro iraza. Rero igihe iyo ndwara y'umutima yamutera, yaciye ahagararaimbere yiwe, avuga ati: “Ibi ndavyanse.” Imana yari yaramuhaye inzoziko vyari bigiye kumera gurtyo, kandi n'insobanuro yaraje. Muganga yibaza yuko uwomugabo yapfuye mw'uyo mwanya, ng'uyu ni muzima, uyu munsi.

Mwami Yesu, kuri Mwene Data wacu w'igiciro, yatwaye umuduga inzira ndende yo kugirango ashike mur'iki gikorane ca kano gatondo. Ikiyunguyungu ciwe kimerewe nabi.Nk'imodoka, Mwami, ibihimba vyo hepfo bitanguye kuruha. Ariko, Ô Mwami, UmubereInkomezi. Ni Wewe Nkomezi zacu. Komeza aho hantu hamugaye mu kiyunguyungu. Komezaahantu hose h'intege nke, Mwami. Kandi Uhe Mwene Data wacu w'agaciro ugukira kwiwe,nk'uko ndamuhezagiye mw'Izina rya Yesu Kristo, Umwana wawe. Amen.

Imanaiguhezagire, Mwene Data Daulton. Ni ko bizogenda.

110 Neza cane, Mushiki wacu, Umwami yogukorera iki? [Uwo Mushiki wacu avuganye naMwene Data Branham—Umw.] Emwe, ni Mushiki wacu Daugherty. Uyu ni Betty? [“Uyoni jewe.”] Emwe, Betty, umutima wawe uhezagirwe!

Ni nde muri iri hema atazi Betty Daugherty? Ubwa mbere igikorwa c'ibabgoryanje rya kera kigitangura, cahereye kur'uyu mwana. Ivyo ni bangahe bavyibuka?Murabona?

Betty yari afise intambo ya SaintVitus. Kandi yari amerewe ukuntu guteye ubwoba, ku buryo atari icafatank'umuntu. Nta muganga yashobora kugira ico amumarira.

Naragiye kuri ku MwerandaLouis. Iri shengero ryaratoje amafaranga, nanje ntira ikoti y'umuntu. Baronseamadolare cumi na rimwe, kugira ngo njeyo gusengere uyu mwana w'umukobwa. Yari akiriumukobwa muto, angana hafi nk'uyu mwana w'umukobwa yicaye hano, umukobwa akiri mutocane. Nagumyeyo…Uyu ni Mwene Data Daugherty? Ntari hano. Narasenze, ndasenga nongerandasenga; ntaho nashoboye gushikako. Hanyuma vyakabaye kera, nicaye mu modoka yaMwene Data Daugherty, moba iyerekwa ku vyo bategerezwa gukora.

Kandi yakurikije iryo yerekwa neza nk'uko Umwami yabivuze. Ndizera ko vyaribinyuranye gato n'ivyiyumviro vyiwe ico gihe. Ariko yabikoze neza nk'uko Umwamiyavuze kubiko, Betty aca arakira. Ubwa mbere namubonye, burya… Yavuze ati:“Sogokuru Daugherty ku mpera y'igitanda; Mwene Data Daugherty, umwe wundi.Mureke afate impuzu, yoze mu maso no mu biganza vy'umwana, n'ibindi.” Ngitanguragusenga ngo: “Data wa twese Uri mw'Ijuru, Izina ryawe niryubahwe.”

Kandi Betty ubu yatewe n'indwara y'uruhumyi. Nategerejwe kumusengera mumwanya uheze, inyuma y'inyubako, kuri Chautauqua.

111 Betty mukundwa, reka ibi tubijeko twitonze cane. Nshaka gufataukuboko kwawe. Urahumye vy'ukuri ga Betty? [Mushiki wacu Betty Daugherty avuzeati: “Oya.” —Umw.] Urashobora kubona umurango n'ingene buhwibira. Ubu ufiseimyaka ingahe, Betty? [“Mirongo ibiri n'ibiri.”] Mirongo ibiri n'ibiri. Icogihe yari afise nk'imyaka indwi canke umunani. Mushiki wacu Daugherty, wagizeikibazo gikomeye, si ko? Urabizi, Betty, nahoze nizera ko Imana hari icoigukorera. Ndizera ko ari yo mpamvu vyakubereye gurtyo. Kandi ni —nibaza ko umwansiari we yakoze iki kintu kibi.

Noneho urabizi, Betty, Mushiki wacu, iyaba nari mfise ubushobozi bwogushikayo ngafata urwo ruhumyi nkarukuramwo, nobikoze. [Mushiki wacu BettyDaugherty avuze ati: “Egome.” —Umw.] Ntabwo mfise.

Ariko, Betty, ivyo nakubwiye ubwa mbere, ni ukuri; nk'uko ndi hano, naweukaba uri hano, nka Mwene Data na Mushikanje muri Kristo. Mwene Data Daugherty,papa wawe w'igiciro, nka Mwene Data mwiza cane nigeze kugira; mama wawemukundwa hano. Narabaye mu nzu iwanyu, turasangira imfungurwa zanyu, n'ibindivyose. Wabaye nk'aho wari mushikanje mu vy'ukuri. Kandi sinoshobora kuba uwushimitsemu mutima kurenza uko noba kuri Delores yicaye aho.

112 Ubu rero, Imana yasezeranye ibi, Betty. Nshaka kubibona vyose…Papawawe, kubera ari umukozi w'Imana, wakuriye mu muryango usengera abarwaye. Atankeka, warasengewe kenshi. Biragera aho,

rimwe na rimwe tubica hejuru, kuruhande. Maze tukamera nk'abatakaje agaciro kavyo. Urabona ico nshaka kuvuga?[Mushiki wacu Betty Daugherty avuze ati: "Amen." —Umw.]

Bagenzi, warabaye umukobwa mwiza, mwiza cane Betty. Birateye isonikubona amaso yawe abandanya ameze ukwo. Meda aracari mw'iyi nyubako? Umugorewanje yashaka kukubona. "Nshaka ko abona Betty, ese ingene yabaye umukobwamwiza." Betty, wari umukobwa mwiza, akiri muto. Wahoze uri umukobwa mwiza.

None Betty, hari ikintu mu buzima wakosheje? Noneho, nk'uko umugangayosuzuma umubiri wawe uboneka, jewe nshaka kuraba umushaha. Har'aho wakosherejeImana na hamwe ga Betty? Nimba hariho, niwitature na Yo, uvuge uti: "Mwami, niwandekankabivamwo, nshaka…Nzokora ugutandukanye."

113 [Mushiki wacu Betty Daugherty avugannyena Mwene Data Branham —Umw.] Egome, Irabishoboye.

Bagenzi! Ni ikintu kidasanzwe na gato. Reka tuvyiyumvire gurtya. Noneho,sinari nzi ko Betty Daugherty yari agiye kuba muri iki gikorane. Ariko uwabayeuwa mbere, kuri kwa kundi kumenya amabanga kwanje, yari Betty Daugherty. Noneraba ni we na none, mu gikorane ca mbere kur'ibi.

Ico gihe yaciye amenya ubwo nyene ivyo nariko ndavugako. Sinshaka kwongeragutangura ukwo kumenya amabanga, kubera ari ku murongo. Ariko avuze ivyo yategerezwakuvuga aka kanya. Yuzuye Mpwemu Yera, igihe yari hariya, kuri St.Louis. Nk'umukobwaw'imyaka cumi na, umwana muto, birashoboka ko yakoze ibintu atategerezwagukora. Ariko, ni nde atabikoze? Ni nde atabikoze? Iyaba atari ubuntu, tweseduca dutakara. Nimba kandi ufise ukugomba kwatura amakosa yawe, Imana iragororotse,kugira ngo iguharire amakosa yawe.

Ndadugije ukwizera kwanje aka kanya.

114 Mwami, ndakuzaniye uyu mukobwa. Ndarambitse ibiganza vyanje kw'ijishoryiwe. Ndakankamiye uru ruhumyi, kandi ndizeye ko Betty azongera kubona. Reka bwaBushobozi bwahumura amaso y'impumyi Baruteremayo, bwongere buhe Betty kubona, nk'ukonsenze iri sengesho, mu gihe ukwizera kundiko. Mw'Izina rya Yesu Kristo, Umwanaw'Imana. Nshobora kwongera kuramukanya na Mushiki wacu, ahantu kanaka, uyumunsi, ejo, canke ikindi gihe cose bizongera kuberako. Kandi aya maso meza azobaambona, na we azombwira bati: "Mwene Data Branham, ndashobora kubona nezank'uko nahora mbona mu minsi yanje yose ndi kw'ishure."…?… Nibibe birtyo.

Ivyo uravyizeye, ga Mushiki wacu Daugherty? [Mushiki wacu Daugherty avuzeati: "Egome." —Umw.] Aho rero bizoba birtyo…?...

Mwami, mw'izina rya Yesu, Umwana w'Imana, nuhe Mushiki wacu icoumutima wiwe wipfuza, mu gihe ahagaze yakirije ikiganza ciwe. Reka bwaBushobozi bwakiza Betty Daugherty ubwa mbere, bumukiza no kw'iyi ncuro yakabiri. Reka bukize Mushiki wacu, mw'Izina rya Yesu. Amen.

115 Mwene Data. [Uwo Mwene Data avuganye na Mwene Data Branham—Umw.] MweneData wacu ashaka gukizwa. Uremeye Yesu Kristo nk'Umukiza wawe bwite? ["Egome."]Urizera ko yagupfiriye, hanyuma akazuka? ["Egome."] Kano kanya uramwemeye nk'Umukizawawe bwite? ["Egome."]

Mw'Izina rya Yesu Kristo, reka ikibazo cose c'icaha kive mu gatimanamak'uyu mugabo. Reka Mwene Data wacu abe uyu munsi, guhera ubu, Umukristo atagukekeranya, mw'Izina rya Yesu Kristo.

Hindukira urabe ikoraniro hanyuma uvuge, uti: "Ndemeye Yesunk'Umukiza wanje." [Uyo Mwene Data avuze ati: "Ndemeye Kristo nk'Umukizawanje." —Umw.] Aranezerewe cane ko ivyaha vyiwe vyababariwe kubw'Amarasoya Yesu Kristo. Ivyo ni vyo dukunda, amen, gukira kabiri.

Mwami, Nuhe uyu mugore ubushizi bw'amanga bw'agakiza kiwe, hamwe n'ibibazovyiwe vyose, Yesu, reka abihabwe, mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen. Niwigire. Wabihawe.Genda wizere aka kanya. Ntureke…[Agace katavuga kuri bande—Umw.]…?…

116 …nuko nashitse kuri vyinshi muri iki gitondo, ku Butumwa nagize n'ibintunamenye. Nakurikiranye igikorwa birenze ivyo nashitseko mu myaka itanu ishize,kuko nabonye ishingiro ry'ubugombe bw'Imana.

Noneho,birashobora kuba ibintu bigoye kuri jewe kuva mu gikorwa c'ibango kimwe nja mukindi. Ariko, ntibihindura ico gikorwa c'ibango. Bifata ico gikorwa c'ibanga bikakiduganamu birere vyo hejuru. Ni co gikorwa co ku nkomoko. Ibi bindi bintu vyose vyubakiyekuri co. Ubu rero ni co gihe.

N'umutima wanje wose, ndizera umuntu wese nsengera. Ndizera kobagiye kumererwa neza. Kandi hamwe n'ibimenyamenya vyose dufise, ibintu vyoseImana yerekanye, umwaka ku wundi, n'ivyemezo ntaharirizwa vya Bibiliya vyongeyekuba bizima, none Vyoshobora gute kunanirwa? Ntibishobora kunanirwa.

117 Rero, hariho inzira imwe yonyene yo kubituma binanirwa, ni kuvuga, mwebwemutavyizeye. Iyaba

Yesu yari ahagaze hano ubwiwe akabasengera, agakora ibibikorwa nyene twakoze muri iki gitondo, nta kirenze ivyo coba. Ariko, hamwemwokwizera kwurwo rugero rw'ukwizera, yuko, ata kindi coshobora gushika kirenzeibizoba, nimba mwizera n'urwo rugero nyene rw'ukwizera. Kubera ko, ndamuserukiragusa. Ndi umunyavyaha yakijijwe n'ubuntu, ndi umuntu nkamwe gusa, ikiremwa-muntu.Ariko Imana itegerezwa kugira umuryango wo gusohokanamwo ahantu kanaka. KandiNa Yo ivyo Yavyemeje kubw'Ijambo ryayo. Yavyemeje biciye kw'iki gikorwac'ibango. Yavyemeje biciye kuri wa Mumarayika w'Uhoraho. Kandi ari hano. Uburero ni ahacu kuvyizera.

Ubu rero mwibuke, nk'umwana muto gusa. Nimba wari umubabaro,ntiwongere kuwubona ukundi. Nimba yari indwara, ntikihari ukundi.Nimwirengagize ikimenyetso cose, ikintu cose kinyuranye n'ivyasabwe.Kenshi…Umwana wese aza ku Mana ategerezwa kugeragezwa. Turageragezwa, kugirango bigaragare ko tuvyizeye canke tutavyizeye. Kandi muzogira intambaran'ingorane, ariko mwibuke, turi mu rugendo rwacu.

118 Imana ibahezagire. Ndabakunda. Kandi jewe, kubw'ubufasha bw'Imana,ndizigira ko Indeka ndabasukurire, nk'umusavyi wayo mu myaka myinshi cane iriimbere, ni ryo sengesho ryanje. Munsengere.

Kandi ubu rero mwibuke kw'uyu mugoroba, Ivyemezo Bitanu Ntaharirizwa vy'Ishengero Ry'Ukuri Ry'Imana Nzima.Tukirindiriye ico gihe…

Reka duhaguruke, duhagarare ku birenge vyacu, akanya gato.

Ôo, mbega hariho igikorwa c'umubatizo? [Mwene Data Neville avuzeati: "Ndibaza kiriho. Reka turabe nimba tubishobora."—Umw.] Ôo, igikorwac'umubatizo! ["Ni bangahe bashaka kubatizwa?"] Abantu bipfuza kubatizwa, ni homuri? Nimukirize ibiganza vyanyu, umuntu wese ashaka kubatizwa. ["Harihobamwe."] Umwe, babiri, batatu…Egome. Muntunge cane rwose bagenzi.

Kano kanya kur'abo bategerezwa kugenda, reka ndabacure. Abandibarasigara kubw'umubatizo, abashaka. Turagira igikorwa c'umubatizo, mu mwanya.

119 Mana Data, nucure abo ari ngombwa ko bagenda, hamwe n'imihezagiroyawe, umuhezagiro wawe. Ubuntu bwawe bubabeko. Urakozi kubw'ibi vyose vyakozwekano gatondo, mu gihe tuvuye kw'uyu musozi, twanzitse kugenda. Mwami, rekatuduge duca kuri buri ngazi, gushitsa dushikiriye bwa Bwami bw'Imana. Bikore,Mwami. Ubane natwe kano kanya. Uduharire ivyaha vyacu, kur'abo basigaye kanokanya kugira ngo babatizwe kubwo guharirwa ivyaha vyabo. Mw'Izina rya YesuKristo, reka bino bintu bitangwe.

Nitwongera gukoranira hamwe uyu mugoroba, reka Ubushobozi bwawen'imihezagiro yaw bize kutubako, uyu mugoroba. Reka haze kubaho umugorobauhambaye kw'uyu mugoroba. Reka abari mu rwijiji baze kujijuka, uyu mugoroba.Bikore Data, kuko tubisavye mw'Izina rya Yesu. Amen.

Vyiza cane. Murashobora kwicara nimba mubigomba, mu gihe twiteguriraumubatizo.

MESSAGE hub online

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa
William Marrion Branham
"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7